# Ishashara Rya Gatanu

Jeffersonville, Indiana, USA
22 Ntwarante 1963

1 Ubu rero twunamike imitwe yacukugira ngodusenge. Data wo mw'Ijuru wuzuye ubuntu, Mana ishobora vyose wewe wazuye YesuKristo umukuye mu bapfuye ugaheza ukamutwereka muri kino gihe c'iherezomu bushobozi bwa Mpwemu Yera, turagushimiye kubwo ukwo kugendererwan'Imana idapfa kudasanzwe. Ubu rero Data imbere yacu hari ikindi gihegishobora guhindura ivyo abantu benshi bazobamwo ibihe bidashira. KandiMwami kugira ngo twegere ibi bintu, ntaco twishoboje kubera ko muVyanditswe havuga ko Umwagazi w'Intama ari We yabiriye ca Gitabo mazeazingurura Ibikimatanije. O Mwagazi w'Intama w'Imana, ni wegere, turabigusavye. TurakwambajeMwami, Wewe Mucunguzi Mwiza. Ni uze uheze utwereke umugambi wawew'ubucunguzi wahishijwe muri ibi bihe vyose birangiye. Data, kuri unomugoroba n'utumenere ica gatanu kimatanije ca Gitabo maze uduhishurire ibirimuri co kugira ngo nitwataha turushirizeho kuba abakristo beza kurusha uko turiubu, kugira ngo tube ababereye gukora igikorwa kiturindiriye. Turabigusavyemw'Izina rya Yesu. Amen.

2 Bagenzi bakundwa, mwiriwe. Kuba hano kuri uno mugoroba kubwo iki kintugihambaye ndabifata nk'amahirwe akomeye. Nta hantu na hamwe nzi noshoborakwumva merewe neza kurusha hano iyo ndiko ndakorera Umwami. Ubu rerokugira ngo dushike neza na neza kuri ibi vyigwa twiteze, atabimpishuriye, nta nakimwe noshobora kubazanira. Singerageza gukoresha iciyumviro na kimwe co mu vyiyumviro vyanjecanke ico ari co cose, ndabibazanira gusa nk'uko aja kubimpa. Ni vyo. Kandi ndazi neza ko nintakoresha ivyiyumviro vyanje bwite, ariko ivyo bikazank'uko vyamye biza (kandi mu kubaho kwanje kwose ivyo ntivyigeze bibaikinyoma), n'ubu ivyo na vyo ntibizoza ari ikinyoma.

3 Ni vyiza cane kandi turanezerejwe cane, turanezerejwe cane n'ivyoyadukoreye. Ni ikiganza gitangaje kandi ciza c'Imana Nzima. Ni ikihe kiruta iki, ni amahirwe ki twoshobora kugira aruta ayo kuba imbere y'Umwami w'abami,aganza abaganza? Hamwe umukuru w'iki gihugu yoza hano mu gisagara kumbure twovuzainzumbete tukaduza amabendera kandi tugasasa indava, n'ibindi vyose. Vyobaari vyiza cane kandi vyotera iteka iki gisagara. Ariko kuri uno mugorobanimwiyumvire ko Umwami w'abami, ari Yo Mana duhaye ikaze muri rino hemaryacu rito. Ntiyifuza ko tuyisasira indava n'ibindi yifuza ko imitima iciye bugufiitegurwa kugira ngo ifate iyo mitima iciye bugufi maze iyihishurire ibintu vyizayabikiye abayikunda bose.

4 Twarumvise intahe none nifuza kuyibashikiriza. Nkumbure ko nja kwihenda,narayumvise gusa, ndashobora kwihenda, ariko ndibaza ko abantu iyo ntaheivugwako bari hano. Gurtyo rero haraciye imisi mike, igihe nari ntashe i wacu muri Arizona,naritavye telefone yavuga ko hari umwana w'umuhungu yari yafashwen'indwara yitwa amakonyera, kandi iyo irashobora kubandanya gushika mumutima. Se na nyina ni abagenzi nkunda cane. Yari umwe wo mu badiyakonib'iri shengero ryacu ari we mwene Data Collins. Agahungu kiwe, Mikie(uwuhora akinana na Joe), yararwaye amakonyera mu mutima. Abagangabaramurungitse i muhira kuryama, kandi bari babwiye abavyeyi biwekutamureka ngo yivyure canke ngo banamuvyure bamuha amazi yo kunywa,yari amerewe nabi cane. Yategerezwa kuyanywesha umukenke. Kandi abobavyeyi, n'ukwizera kwinshi, baraje muri iri Hema maze barizera.

5 Nari namenyesheje ko ku w'iyinga hari ibikorane vyo gusengera abarwaye,ariko maze kubona ko hari ibibazo nategerezwa kwishura, vyabaye ngombwa konkuraho igikorwa co gusengera abarwaye. Yamara hari akantu nari mfise kumutima. Se na nyina baciye bagomba kumenya ko bozana uyo mwana murusengero; batwara hanze uyo mwana maze Mpwemu Yera aca avuga ko yakize.

6 Ico gihe abavyeyi, bishimikije iryo Jambo, ni ho basubiza uyo mwana imuhira baca bamurungika kw'ishure. Baciye bamurungika gusa kw'ishure!Umuganga yarabimenye. Ntiyabinezererewe cane; abwira nyina ko uyo mwanayategerezwa kuguma aryamye; ariko aca amugira ku muriri ingene vyagenze. Ndibaza ko uyo muganga ari umukristo yizera wo mw'idini ry'abaventisib'Umusi w'Indwi. Ni ho yaca avuga ati : «Harageze ko nsuzuma uyo mwana.Mwari gutuma mumusuzumisha. »Nyina aca avuga ati : «Ni vyiza cane.» Azana uyo mwana maze uyomuganga aca aramusuzuma. Amaraso yarimwo iyo ndwara y'amakonyera…Narumvise ko uyo muganga yatangaye cane ku buryo atamenyen'ico yokora. Uyo mwana w'umuhungu yari akomeye, amerewe neza kandiafise amagara meza.

7 Abo mu muryango wa Collins bari hano ? Nkumbure nayivuze uko itari.Mbega ni vyo, ga mushiki wacu muka Collins ? Ni ka kana gato kitwa MikieCollins, gafise imyaka itandatu canke indwi ; kandi ivyo, haciye imisi itatubibereye muri ino nzu nyene. Oh, vyari bikwiye ko hagira Uwuza muri ino nzu aruta abantu ! Yari Yehovaw'Ubwiza kandi w'ubushobozi, ni ivy'ukuri, yari yazanywe no guheshaicubahiro Ijambo ryayo. Ndashimishijwe cane no kwumva ivyo. Ndazi konamwe bibashimisha. Si jewe jenyene ariko ni twese, kuko vyogenze gute iyoaja kuba umwana wawe w'umuhungu, canke umwana wanje w'umuhungu?

8 Kandi ni mwibuke ko intahe mpejeje kubashingira ari imwe mu zindinyinshi. Ivyo hose biraba, ni kugira ndabereke ko ibango ry'ubukozi ryanjenyakuri ari iryo gukiza indwara kuva ku Mana. Ariko ndi ngaha kubwo ibibimatanije ca Gitabo. Mu nyuma ni ho muzotahura igituma nategerezwakubikora. Gurtyo sindi umwigisha canke umunyetewolojiya. Ndasengera gusaabarwaye kandi ngakunda Umwami.

Ejo ku mugoroba, narashinze intahe ku vyerekeye umwana umwew'umukobwa. Ndafise izina ryiwe, kandi Billy hari ahantu afise iryo abavyeyibiwe n'abo ari bo. Uwo mwana w'umukobwa yari hafi yo kwicwa na kanseri yomu maraso. Vyari bikomeye cane ku buryo batari gushobora no kumugaburiraivyo acisha mu kanwa ; yategerezwa guterwa amaraso. Yari mwiza cane.Uravye imyaka yari afise, yari mugufi (nk'uyu mwana w'umukobwa ari hano,ndibaza ; ntiyamusumvya uburebure). Bari bameze nka benshi bo muri twebwe.Mwihweje impuzu z'uwo mwana n'iz'abavyeyi biwe mwari gushobora kubonako bari bakenye cane, vyukuri bakenye cane, ariko vyukuri bafise urupfasoni,maze Mpwemu Yera aca yemeza ko uyo mwana yakize.

9 Ni mwibaze rero, kanseri yo mu maraso ! Amaraso yari mabi cane ku buryobatari gushobora no kumugaburira bacishije mu kanwa. Yarinze kuja mu bitaromaze bakamugaburira bacishije mu mitsi. Ndibaza ko yari serumu y'ivyunyunyucanke ikindi kintu. Amajambo yo mu buganga ku vyerekeye iyo ndwara ntayonzi ariko uko biri kwose vyasabwa ko bamugaburira gurtyo. Ariko imbere yokuva muri ico cumba, uyo yaciye asaba umukate!

Ni inyuma y'aho abavyeyi bumviye UKU NIKO UHORAHO AGIZEkuvuye kuri Mpwemu Yera. Bari kavantara kandi kuva mbere ntibari bwigerebaza ngaha. Ariko umuryango w'intore w'abasaza, mwene Data Kidd na mushiki wacu umufasha wiwe hari haheze iminota mikeya babicaritse, baribabasiguriye ivyo bategerezwa gukora no kwumvira. Maze baca babona wamwana atashe i muhira ariko yirira umukate wiwe!

10 Inyuma y'imisi ibiri canke itatu yari kw'ishure! Hanyuma umugangayagiyeko yaratangaye! Aravuga ati : « Nta n'amasigarira ya kanseri yo mumaraso nsanze muri uyu mwana.» Gurtyo, muri ako kanya nyene, ubushobozibw'Imana ishobora vyose buca bufata imitsi itwara amaraso bukayoza rwosemaze bukagarukana ididagizwa ry'umutima ry'ubuzima bushasha, kukoamaraso yanyu ni ubugingo bwanyu bw'umuntu apfa. Ni Yo irema udusyasyadusha tw'umubiri maze igakuraho udushaje. Kandi ico ari co, ngirandakibabwire : gufata amaraso yanduye kanseri ku buryo uwo mwana yariasigaye yabenjutse kandi avyimvye ni igikorwa c'ukurema c'Imana ishoboravyose; kandi mu kanya gato yari afise amaraso mashasha.

11 Ndibaza (singira mvuge mw'Izina ryiwe; ngira mvuge nk'uko uguhishurirwaguhwanye n'ukwizera kwanje kuri), ko ivyabaye wa musi muri SabinoCanyon... Ndibaza ko igihe gishitse aho ingingo zibuze zizongera kumezwan'ubushobozi buhambaye bw'Umuremyi. Ndibaza ko, namba ishoboye gutumahabaho umuhare ukwije vyose, mbega ntibizorushiriza kugenda ukwo nyene kumugabo canke ku mugore yoba abuze urugingo. Ni Yo Mana! Ndayikunda.

12 Natanguye kuvuga kuri ivyo bintu kandi nsanze ndiko ndabandanya mvugakandi hariho abantu bari muri iyi nzu bahagaze, hagati y'imirongo y'inteben'ahandi hose. Ni co gituma ngira nce ntangura vuba ubutumwa kandi ngombamvuge ibi... Ngomba nshikirize amashimwe yanje Iyigaragarira hose icarimwe;mubisanzwe, uyu musi, ntazi ikintu na gitoya ku vyerekeye Ica gatanukimatanije ca Gitabo, ivyo vyanjeko muri bwa buryo nyene bw'akabanga murikino gitondo, nk'isaha imwe imbere y'uko buca, mu gihe nariko ndasenga. Muriiyi misi itanu canke itandatu nagumye mu cumba gitoya, ntabonana n'umuntun'umwe. Nasohoka gusa ngiye gusangira n'abagenzi banje bamwe bamwe bongaha. Murabazi neza; ni mwene Data Wood na mushiki wacu umufasha wiwe.Narabaye i wabo, kandi bose twabanye neza. Nta kintu gishasha cabayeho, arikongerageza kwibanda ku butumwa buri muri ibi Bimatanije ca Gitabo.Birahambaye. Ndizera ko ari co gihe co guhishurwa kwavyo.

13 Kandi ubu ngomba ko mumenya ata gukekeranya... Mubishoboye,nimwandike ku gapapuro mubaze ivyo mudatahura ku vyerekeye ibi ndwiBimatanije ca Gitabo, maze mugashire aha havugirwa ubutumwa. Mwene DataNeville, canke uwo ari we wese azoshobora nkumbure gushira agasanduguhano. Ah, nciye ndakabona! Nifuza kubona ivyo bibazo ngaho kuri unomugoroba kugira nshobore kuvyihweza gatoya ku w'iyinga mu gitondo.

14 Ubu ho, na cane cane ubu rero, ntimubaze ibibazo bisa n'iki : « Mbega ibi niicemezo ca Mpwemu Yera? » Murabibona. Nagomba ko mumbaza ku vyompejeje kubigisha, murabona, kugira ngo nigishe gusa kuri ico cigwa nk'ukonabikoze kuri vya bihe vy'Ishengero, kubera ko ari co ndiko ndigishako ubu.

Ni nk'iyo dusengera abarwaye. Ni uburyo bwo gusenga butandukanye kandimurabusigirwa amavuta. Ni ikindi kintu, murabizi, kandi murondera Imanakugira ngo muyibone. « Mwami, kuri uno mugoroba hari uwuja kuba ahari ? »

« Ego me, azoba ari umuntu yambaye ikanzu isa n'umuhondo kandi azobayicaye mu mfuruka y'iburyo, kandi ni wamuhamagara, umuhamagare uti Nakakandi umubwire ko yakoze ibi n'ibi kandi ko afise ibi n'ibi. Uzomanuka hariyamaze umwitegereze, kandi azoba ari aho. » Ni uko. Murabona, ni ibindi bindi.Nsenga gurtya : « Mwami Yesu, mbega ivyo bifise iyihe nsobanuro?Ubimpishurire. »

15 Ubu rero dukure mu rwubati inkota yacu ari ryo Jambo. Ndashima caneimfashanyo yo mu buryo bw'impwemu ya mwene Data Neville bo n'urukundorw'abavukana adufitiye. Ari aha inyuma yanje,

ansengera yongera abasengeramwese uko muri ngaha. Kandi nk'uko tugeze ku wa gatanu kumugoroba...Sinshobora kuvuga ku bintu vyose. Twofata kimwe conyene muriibi Bimatanije ca Gitabo, vyosaba amezi n'amezi kugira ngo tucerekane muVyanditswe vyose kandi ntitwoba turaheza, kuko kimwe conyene Kimatanijeico Gitabo ubwaco gifatanya Ivyanditswe vyose, kuva mw'Itanguriro gushikamu Vyahishuriwe Yohana.

16 Gurtyo rero, ico ngerageza gukora, ni ukwiyubara kuba kure yavyo;ndandika imirongo yo mu Vyanditswe canke nkagira aho nandika ibijanye n'icocigwa, kandi ndagerageza kutabimarako umwanya munini cane. Ntegerezwakuvyiyubarako kuko, iyo mvuga, ndizigira ko ari kwo guhumekerwa kw'ukuri.Iyo ntanguye kuvuga maze nkumva ko navuye mu cigwa canje, nca nsubirainyuma, nkaraba ahandi hantu kugira ngo ngerageze kuronka iyindi mirongo yomu Vyanditswe yo kubandanirizako, murabona, kugira ngo ngerageze gutangaumuco, kugira ndagitomore kuri urwo ruhande, ha ko ngerageza kubandanyank'uko nariko ndakora.

17 Ubu rero kuri uyu mugoroba, kubwo ubuntu bw'Imana bo n'imfashanyoyayo, tugira twige ica gatanu Kimatanije ca Gitabo. Ni kigufi, ariko ni kirekiregatoya kurusha ico duhejeje. Bamwe bane bagendera ku mafarasi bari bafiseimirongo ibiri ibiri umwe umwe wese. Iki gifise imirongo itatu. Ica gatanuKimatanije ca Gitabo gitangurira rero ku gice ca gatandatu c'IvyahishuriweYohana, umurongo w'i 9. Namba muri abashitsi, ntimurumva nkumbure havugwa ivyo abo banebagendera ku mafarasi. Murabona, rimwe na rimwe murasubira inyuma mazemugaca mushiramwo ibindi, kandi mukoze murtyo muba mwiteze ko abantubatahura. Ico gihe namba hari akantu mutatahuye, nimwihangane cankemwumvirize ikaseti, kandi ndazi neza ko muzobikuramwo imigisha. Narayironse, ndizigira ko namwe muzoyironka.

18 Mbega ubu twese turiteguye? Dusome duhereye ku murongo wa 9 kugezaku murongo wa 11 «Kand'amenye ica gatanu kimatanije ico gitabo, mbona musi y'igicaniroimpwemu z'abishwe babahora Ijambo ry'Imana no gushinga intahe bari bafise.Batakambisha ijwi rirenga, bati Databuja wera w'ukuri, uzogeza ryari kudacaamateka no kudahora abari mw'isi amaraso yacu? Umuntu wese muri boahabga imvune yera, babarirwa kumara iyindi misi baruhuka, gushitsaah'igitigiri c'abagurano bagenzi babo na bene Se, bagira bicwe nka bo,kizoshikira. »

19 Ivyo ni ibanga koko. Kandi ubu rero ngira mvuge ibi kubwo amakaseti,abapasitori n'abigisha baje hano : Namba ibi mubibona ukundi, nanjenarigeze kuba ndabibona ukundi. Ariko ivyo ngira mvuge biva muguhumekerwa kwahinduye rwose uko ivyo nabibona.33. Mu gihe mubona ibi bintu biriko birahishurwa, ndabona ko ivyobitugarukana inyuma maze bigashira hamwe vya bihe vy'Ishengeron'Ivyanditswe, kandi bigafatanya vyose; ni co gituma nizera ko ivyo biva ku Mana.

20 Ivyo turabibona kandi ndiyumvira ko rimwe na rimwe twishimikizaibishobora kuba vyaravuzwe n'umwigisha ahambaye kandi ni vyiza cane. Umwigisha sindamucirako iteka mu buryo na bumwe. Nta n'umwe ncirakoiteka. Ncirako iteka gusa icaha c'ukutizera ariko abantu si bo ncirako iteka. Abantu bamwe bamwe baravuze bati : «Uracirako iteka amadini. » Oya. Iconcirako iteka, ni uburyo amadini akoramwo ariko si abantu bayarimwo,canke umugwi w'abantu bayagize. Ariko uburyo barongowemwo, ni bwoncirako iteka, haba ku Bakatolika canke Abaporoti.

21 Benshi mu bagenzi banje nkunda cane ni abakatolika. Uyo mugabo ashoborakuba ari hano kuri uyu mugoroba. Murazi ko namba twarashoboye kwubaka irihema ari ukubera yuko hari umuntu wo mw'idini rya katolika ry'i Roma yagiyeku ruhande rwanje muri Sentare, akamburanira neza kurusha abandi. Vyukuri.Kandi ntibabaye bagishobora kutubuza ko twubaka. Ni ivy'ukuri. Bari batubwiye ko hazobaho abantu benshi, n'ibindi bintu bimeze birtyo. «Oh, ntimushobora kurenzako abantu mirongo umunani muri uru rusengero!»

Uyo mugabo aravuga ati : « Ririya shengero rya hariya ndazi umwungerewaryo. Urwo rusengero hariya ni ho rwubatswe. Kubera iki abandi bashoborakwagura, ariko bo ntibagure? Yari uwo mw'ishengero katolika ry'i Roma,umwe wo mu bagenzi banje nkunda. Nta nkeka!

22 Igihe kimwe nariko mvugana n'Umukatolika umwe w'umugenzi ashika.Imbere y'uko ngenda yari afise aho adandariza ivyuma. Yarambwiye ati : «Billy, ndazi ko utemera uburyo idini ryacu rikoramwo, ariko ngira nkubwizeukuri; Imana yumvise vyukuri amasengesho wadusengeye. Ndibaza ko hamwewogira ingorane kanaka, aho ari ho hose muri kino gihugu, Umukatolika wesewo muri kino gihugu yoguserukako. » Ntiyavuga « Umukatolika » yavugauwambara Umusaraba wese nk'uko yabise. Ndabisubiyemwo nk'ukoyabimbwiye.

23 Koko iryo Zina baryiyitirira kubera abakristo ba mbere bikorera imisarabaku mugongo. Ivyo tubibwirwa na kahise. Kandi bibaza ko ari bo bakristo bambere, kandi ni ko bari, ariko uburyo bakoramwo ni bwo bubatesha inziramurabona, kandi abo bantu, abo Bakatolika, abo bayuda, canke abo ari bo bose,ni abantu kandi twese twamuka kuri umwe. Murabitahura? Ni ivy'ukuri. Niabantu bakundana, barya, banywa, baryama nk'abandi bose. Aho rerontidukwiye kwigera ducirako iteka abantu, eka nta n'umwe, murabona?

24 Ntidukwiye guciraho iteka abantu, ariko nk'umwungere, ntegerezwagukubita iyo nzoka ikomora abo bantu, murabona? Ku binyerekeye,sinobikoze, iyo Imana itaja kuba yarabintegetse. Ngoberwa kubikora kandingategerezwa kuguma ndi imvugakuri n'umwizigirwa. Hamwe Umukatolika, Umuyuda canke uwo ari we wese yoza hano kugirango ndamusengere, yaba Umwislamu, Umugiriki, Umworotodogisi canke uwoari we wese, yoza hano kugira ngo ndamusengere, nomusengera na we nyenen'umutima ukunze nk'uko nsengera abanje. Ni ivy'ukuri. Nta nkeka, kuko niumuntu. Murazi, narasengeye Ababudiste, Abashiyite, abajayini, Abislamun'abandi bantu batandukanye nk'uko. Murabona, kandi nta kibazo na kimwendababaza. Ico nkora ni ukubasengera gusa, kubera ko ari abantu bifuza kugiraamagara meza kandi nkaba ngerageza kubafasha ngo barushirizeho kubahoneza.

25 Benshi muri bo hano (ndazi ko hano hariho abanyabwenge nyakuri babiricanke batatu bize kandi bakamenya inyigisho y'abandi bantu kuri ico cigwa). Ndifuza ko abo bene Data bamenya ko ntacirako iteka abo bantu. Mvuga gusaivyo Umwami anyeretse. Nta kindi.

Ntidukwiye kwigera twiyumvira ko umumesuzi asanzwe canke umurimyiasanzwe atoshobora guhabwa uguhishurirwa kuva ku Mana kubera yuko muvy'ukuri, Imana yama yihishura mu buryo buciye bugufi. Kugira ntangure ururukurikirane rw'Ubutumwa, nararonse umusi wo ku w'iyinga ushize kugira ngonerekane ingene yihishura mu guca bugufi kwayo. Ni co kiyigira Nkuru.

26 Ubu rero nimundeke nongere kubiraba akanya gato. Ikigira Imanaiyihambaye, ni uko ishobora kwicisha bugufi cane. Ni co kiyigira Nkuru. Imanani Nkuru kandi irashobora kwishira mu mero yicishije bugufi cane ku buryoabanyabwenge bo muri ino si badashobora kuyibona. Mu bisanzwe ntibashoborakuyibona kubera ko yicisha bugufi rwose. Aho rero ibi nimuvyiyubareko cane.Ng'iryo ibanga ry'uguhishura kwa Yesu Kristo. Iri muri ryo; nta na kimwekirengeye Imana gishobora kubaho kandi nta na kimwe mwoshobora gukoragiciye bugufi nk'uko yicisha bugufi, murabona? Ng'ico ikiyigira Nkuru.

27 Umuntu mukuru arashobora kurushaho gato kuba agahambaye kandinkumbure akicisha bugufi nkamwe maze akababwira ati : «Bite?» canke ikintunk'ico, ariko ntashobora kwigira muto. Muri we arimwo ikintu : ni umuntu.Ntibimushobokera kwigira muto, kubera ko ni yaba muto cane ico gihe ikintuazoca akora, murazi, ni ukwishimikiza ivyo uwundi yakoze, gurtyo rero azocaatangura gutera intambwe. Ariko mu Mana inzira yo gushirwa hejuru ni ugucabugufi.

28 Abanyabwenge bo muri ino si bagerageza kuyironderesha ubwenge bwabo.Mu kwishira hejuru muri ubwo buryo baca baja kure yayo. Nimwageragezagusigura ikintu mukoresheje ibiharuro canke ikindi, nimwibuke ko yanabivuzemuri Bibiliya ndibaza ko ari muri Yesaya 35; biriyoroheje rwose ku buryon'inyererezi izobitahura, ku buryo n'ikijuju kitazoyihusha. Abanyabwenge bakoresheje ubwenge bwabo, ivyo barabihusha cane; bagacabarushiriza kuja kure yayo mu kurondera kuyibona bakoresheje ubwenge. Uburero ivyo ntimuvyibagire. Murazi ko biriko birafatwa amajwi. Abanyabwenge,mu bwenge bwabo, baraja kure cane mu kugerageza kuyibona bakoreshejeubwenge bwabo bigatuma batayibona, murabona. Iyo baba bashoborakuba abahambaye bihagije ku buryo bashobora kuba abaciye bugufibihagije, boshoboye kuyibona. Namba muri abahambaye bihagije ku buryomucika abaciye bugufi bihagije.

29 Murabona, mu vyukuri ivyo ni ukuri. Narasanze abantu mu biro vyabo muvy'ukuri bari abanyacubahiro, abami bahambaye, murazi, ba nyene icubahiro, abami; mu bisanzwe ni abakuru. Naranagiye ahantu umuntu yahindura impuzuuko umwanya uheze; nkumbure yari umushikiranganji yagomba ko tuvuganaakanya gato. Womenga ntaco abantu boshobora gukora abo bantu batariho kandiivyo baravyishizemwo, murabona. Ariko umukuru aricara maze akageragezakukwemeza ko ari we uri mukuru; arashobora kwicisha bugufi.

30 Murabona Imana ni Yo Nkuru cane ku buryo ishobora kwicisha bugufikugeza aho ata muntu n'umwe yoshobora kwicisha bugufi kuyirusha, murabona.Ni ko biri. Ariko bagerageza kuyibona mu kurungika abakiri bato kw'ishurekugira ngo baronke impapuro z'umutsindo zo muri Kaminuza. Bageragezakuyibona bakoresheje amajambo ya tewolojiya ajanye na Bibiliya mazebakagerageza kuyibona bakoresheje integuro z'uburezi, integuro z'amadini nomu gushariza ibintu. Ariko ntiba muri ivyo bintu. Muba muriko muhahamiraumuyaga gusa, nta kindi. Muba mugiye kure.

31 Iyo baba bashobora kuba abahambaye bihagije, boyibona muri ubwo buryo,mu kwicisha bugufi. Ariko igihe cose mugikurikira ubwenge, muba murikomuja kure yayo. Ubu rero reka ndabibereke ku buryo bitabacika. Igihe cosemukigerageza kurondera Imana mukoresha ubwenge nk'uko vyagenzemw'itongo rya Edeni, nk'uko vyagenze mu gihe ca Mose, nk'uko vyagenze mugihe ca Nowa, nk'uko vyagenze mu gihe ca Kristo, mu gihe ca Yohana, mu gihec'Intumwa no gushika uyu musi, iyo mugerageza kwishushaniriza Imana mazemukayirondera mukoresheje ubwenge, muca murushiriza kuja kure yayo!Mugerageza gutahura ivyo bintu. Nta bundi buryo na bumwe buriho bwogutahura. Nimuvyemere gusa. Nimuvyizere gusa. Ntimugerageze kubitahura.

32 Hariho ibintu vyinshi ntashobora gutahura. Nta bintu vyinshi biriho ntahura.Sintahura igituma aba basore bicaye hano turya ivyo kurya bimwe arikobakagira imishatsi myinshi mu gihe ntayifise.

Sindabitahura. Bambwiye ko ariivyunyunyu bita kalisiyumu biyituma imera, kandi ntegerezwa kwama ndikonica inzara, ariko nta mishati yo kwimosha mfise! Ivyo sindabitahura.

33 Nk'uko babivuga kera (Ivyo vyoshobora guhindura gato igihagararo cacumu bintu bikomeye, ariko ni ikintu gikomeye, naho ntarashikira iki Kimatanijeca Gitabo, bishoboka gute ko inka y'agafyiri irisha ubwatsi butotahaye ikamwaamata yera na yo agaheza akavamwo amavuta asa n'umuhondo? Mu vy'ukurisinoshobora kubisigura, kuko murabona, kimwe cose kiva mu kindi. Sinshobora kubisigura. Mu mashurwe abiri yo mu bwoko bw'ikirungu canke amashurwe abiriasangiye ubwoko, sinzi igituma rimwe ritukura kandi irindi rigasa n'umuhondo;rimwe risa n'inginagina irindi na ryo rigasa n'ubururu. Sindabitahura. Izuba riyakira ni rimwe. None amabara yayo ava he? Murabibona? Sinshoborakubisigura kandi bikwiye ko ndavyemera uko biri.

34 Ngomba ko umunyetewolojiya umwe ahambaye ansigurira ukuntu isi igumamu kibanza cayo iyo iriko irazunguruka. Ngomba ko mwokoreshaubushakashatsi mugaterera umupira mu kirere, mugatuma uzunguruka mazemukawutuma usubira kuzungurukira ha handi nyene, ariko ntimwoshoborakubikora. Yamara vyose bibera icarimwe mu buryo butunganye cane ku buryobashobora kumenya ku munota ku munota ubwirakabiri buzoba mu myaka mirongo ibiri. Nta saha yo kwambara, nta saha bamanika canke iyindi mashini itunganijwe neza nka vyo yamara vyo ntibitirimuka. Kandi isi irahengamye,vyogenda gute hamwe yokwibogora gatoya? Mu bisanzwe mwokwimaramaza mugerageje kubisigura.

35 Gurtyo rero, murabona, ntimugerageze kwirundaniriza ubwenge kugiramutahure. Nimwizere gusa ivyo ivuga : uko muzorushirizaho kwicisha bugufi,ni ko bizorushiriza kuba vyiza. Ni uko. Kandi ico gihe muzoyibona. Ivyondabikenguruka cane, ngashima kubona ko ari yo ubwayo yicishije bugufi cane.Ni vyiza. Dusome umurongo w'i 9 w'igice ca 6. «Kand'amenye ica gatanukimatanije ico gitabo, mbona musi y'igicaniro impwemu z'abishwe babahoraijambo ry'Imana no gushinga intahe bari bafise. »

36 Ni mubone ko hamenyekanishijwe ivy'ikigira gatanu kimatanije ca Gitabohadasubira kuvugwa ikindi gikoko canke ikindi kinyabugingo. Nimwibuke koku ca mbere, ku ca kabiri, ku ca gatatu no ku ca kane kimatanishije ca Gitabohagiye haba ikinyabugingo kimwe kimwe, ariko murabona ko ngaha atari kobiri, murabona. Dusubire inyuma gatoya kuri ivyo Bimatanije ca Gitabo. «Kand'amenye ica kane kimatanije ico gitabo, numva ijwi ry'ikigira kane mubinyabugingo, kiti Ngwino.» « Kand'amenye ica gatatu kimatanije ca Gitabo numva ikigira gatatu mubinyabugingo, kiti Ngwino.» «... ikigira kabiri mu binyabugingo kiti Ngwino »Hanyuma hariho ikinyabugingo ca mbere kivuga giti : « Ngwino »

37 Ariko iyo dushitse ku ca gatanu kimatanije ca Gitabo, nta kinyabugingo kibakikivugwa. Ni mubone ko : « Amenye ica gatanu kimatanije ico gitabo, mbonamusi y'igicaniro... » Duca tubona ko ata kinyabugingo kikivugwa, kandi igikokogisigura ububasha, turabizi. Hano nta kinyabugingo kikivugwa. Mu kwiga ivyahishuwe vyerekeye Amashengero twasanze ko kimwe comuri vya binyabugingo cari intambwe; ikindi cari inyana, ikindi na co cariumuntu, ica nyuma na co cari inkukuma. Twasanze ko muri vya bihevy'Ishengero ivyo binyabugingo bine, vyerekana bwa bushobozi bune, vyari bikikuje Ivyakowe n'intumwa nk'uko nyene ya mabendera yari akikuje ryahema mu bugaragwa.

38 Ivyo murabitahura, ni co gituma ubu ntahava mfata umwanya wokuvyinjiramwo. Ivyo ndamaze kuvyigisha nk'uko biri. Ivyo binyabugingovyitaho kuraba ko wa Mwagazi w'intama n'Ijambo bashitsa Ijambo uko rirink'uko babikoreye mu bugaragwa kuri rya sandugu ry'Isezerano ryari ahera.

Naranerekanye ikibanza cavyo mfatiye ku mabendera y'imiryangoy'Abisirayeli. Ni bangahe bumvise ivyo kuri vya bihe ndwi vy'Ishengero? Nibenshi muri twebwe, bibiri vya bitatu, ndibaza. Nimurabe ko na kamere ka vyabinyabugingo kerekana akaranga k'umuryango, kuri ya miryango cumi n'ibiriigizwe n'imigwi ine irimwo imiryango itatu itatu, ku ruhande rwose rwa ryahema. Kandi vya binyabugingo bine vyari aho maze bikabera maso iyomiryango mu mpande zose uko ari zine.

39 Narafashe za njiri zine maze nderekana neza na neza ko iyo mushakagushikira ya sandugu, vya binyabugingo bine ari vyo vyarinda iyo sanduguy'isezerano. Hanyuma twarabonye ko isezerano ry'Ishengero risha kw'isiari Mpwemu Yera. Amaraso yatugarukanyeko Mpwemu Yera, kandi vyabinyabugingo bine vyerekana ya miryango cumi n'ibiri y'Abisirayeli; vyamabiri maso; twarabonye kamere yavyo kandi iyo kamere narayihuje n'imwe imwemuri za njiri zine maze nderekana ko neza na neza vyari co kimwe. Imweyavuga ku ntambwe, iyindi ku nyana, zari za njiri zine. Izo njiri zine ni zoburinzi bwa Mpwemu Yera. Amen!

40 Namye nibaza kandi ivyo vyarankozeko, kuko haraciye nk'imyaka itandatundibaza, narumvise umuntu ahambaye avuga ko Ivyakozwe n'Intumwa vyariigisenge gusa. Kenshi ivyo narumvise bivugwa; ariko kwumva umuntu nka we,akaba umuvugabutumwa n'umwigisha, yaranditse bimwe bimwe mu bitabobikomakomeye bisomwa n'abantu mu mihingo yose, akavuga ko Ivyakozwen'intumwa bidahuje n'ukwigisha kw'Ishengero, mu gihe Ivyakozwe n'intumwaari rwo rufatiro! Si igisenge ariko ni Umushinge. Kubera ko Bibiliya ivuga kourufatiro rw'Imana rushingiye ku nyigisho y'intumwa. Ni ivy'ukuri! Kristoni We buye rigumya imfuruka.

Kandi igihe uyo mugabo yaza maze akavuga ico kintu, umutima waciyeumvamwo. Nariyumviriye nti : « Ntibitangaje...» Ubu rero ndabibona muBimatanije ca Gitabo. Mu bisanzwe ivyo ntivyari bwahishurwe. Nta kindi.

41 Vyari aho, vyaguma aho. Mu bisanzwe hariho ikintu kibivuga. Ni muboneko vyakora igikorwa c'uburinzi. Igihe nabishikako muri Matayo 28:19 maze ivyo nkabishira ahabona mu gitabo cose uko canditswe na Matayo kigereranywa n'intambwe, maze tugashika ngaho twarabonye neza na neza igituma barabatizamw'Izina rya Yesu Kristo. Ng'uyo, ahagaze aho afise ico Canditswe nyenekugira ngo arinde ikibitsanyo cera c'Umubatizo mw'Izina rya Yesu Kristo. (Eheraba ubu ngarutse muri vya bihe vy'Ishengero!)

42 Mu gihe dutanguye ica gatanu Kimatanije ico Gitabo nimubone ko atawugendera kw'ifarasi n'umwe aseruka kandi ko ata kinyabugingo nakimwe kiriho kugira ngo kimumenyekanishe. Umwagazi w'intamayaruguruye ico Kimatanije ca Gitabo kandi Yohana yarakibonye. Nta muntun'umwe yariho kugira ngo avuge ati : « Ngwino urabe. » Ni mubone ko aho atabubasha na bumwe bw'ikinyabugingo buhari. Kandi nta kinyabugingo kiharikugira ngo cerekane ica gatandatu kimatanije ca gitabo. Kandi ku c'indwikimatanije ico Gitabo nta kinyabugingo kiriho, canke ububasha bwo kucerekanaburiho, nta muntu n'umwe ariho. Rero, inyuma y'ica kane kimatanije ca Gitabo, ntaa bushobozibw'ikinyabugingo na kimwe bugira ico bumenyesha haba ku ca gatanu, ku cagatandatu no ku c'indwi kimatanije ca Gitabo.

43 Ubu rero ni mubone (ibi ndabikunda) ko mu gihe c'umwe agenderakw'ifarasi na ya mafarasi ane (uwugendera kw'ifarasi mu rudende, arikoamafarasi ane atandukanye), hariho ikinyabugingo caca kimenyekanisha ubwobubasha. Igihe cose uyo agendera kw'ifarasi yashira amatandiko ku yindi farasimaze akagenda ngo ayigendereko, ikindi kinyabugingo caraseruka kigacakimwerekana. Ni ibanga rihambaye, ni rya banga. Kubera iki? Kimenyekanishaibanga.69. Ni kubera iki aha ata kihari kugira ngo kimenyekanishe ica gatanukimatanije ca Gitabo? Ng'iki igituma. Nk'uko Umwami Yesu yabimpishuriyeuyu musi hakiri kare mu gitondo, muri uwo mwanya ibanga ry'ibihevy'Ishengero riba rimaze kurangira. Muri ico gihe ibanga rya antikristoriba rihishuwe. Antikristo aba yahejeje kugendera kw'ifarasi yiwe ubwanyuma; kandi turamubona ari kw'ifarasi ibenjutse y'amabara menshi y'ikivangeariko akomeza inzira yiwe ari kw'ifarasi agana mu mahonero (ivyo tuzobibonani twiga kuri za nzamba. Ubu rero nari nifuje kubibereka neza, ariko twocatwongera kuva mu cigwa cacu).

44 Ni kubw'ivyo ata wukihari. Murazi, harya nta kintu candikwa hatarihoigituma. Muribuka igihe navuga tugitangura nti : « Nta kintu candikwa hatarihoigituma. » Muribuka ka kama k'irangi? Murabona ko rero dutegerezwa gutora igituma.Hariho igituma hatari hakenewe ikinyabugingo canke ubushobozi bwo kumenyekanisha iyugururwa ry'iki Kimatanije ca Gitabo. Kandi Imana yonyeneni Yo ishobora guhishura igituma (aho ni ho vyose bihagaze) kuko vyosevyubakiye muri Yo.

45 Ariko icatumye ibihishura, aho ngeza kubitahura, ni kubwo ibangary'Igitabo c'Ubucunguzi, ku buryo antikristo ahishurwa. Kandi uwo mwanyaIshengero riba riri kure. Kandi ivyo bintu ntibibera na gato mu bihevy'Ishengero. Ni ivy'ukuri! Biba inyuma y'ibihe vy'Ishengero. Ico giheIshengero riba ryazamuwe; ata gukekeranya. Ku gice ca kane c'IvyahishuriweYohana, Ishengero rica riduga kandi ntirigaruka imbere y'uko rigarukanan'Umwami waryo ku gice ca 19. Ariko aha ibi Bimatanije ca Gitabo bihishuraivyabaye, ibiriho n'ibizoza. Murabibona? Gurtyo rero ivyari gutegerezwa kubamu bihe vy'Ishengero vyarahishuwe n'ibi Bimatanije ca Gitabo; kandi ubunimwihweze ico ivyo bisigura.

46 Ibice bine uwuyigenderako yaciyemwo vyarahishuwe. Ico gihe ibice bineantikristo yaciyemwo ariko agendera kw'ifarasi yiwe biba vyahishuwe; ni cogituma ata na kimwe kiba kigikenewe. Vya binyabugingo bine vy'Imana vyariaho kugira ngo vyerekane uwagendera kw'ifarasi mu gihe yariko aragenda.Ibinyabugingo bine, ni bwo bushobozi bune.74. Turazi, dukoresheje ibigereranyo vyo muri Bibiliya, ko ijamboikinyabugingo risigura Ubushobozi. Reka tubirabire hafi cane. Vyabinyabugingo bine muri Bibiliya bigereranya Ubushobozi mu bantu. Ni ko birino muri Daniyeli, igihe yabona ihanga rimwe rihaguruka : yari idubuihengarariye uruhande rumwe kandi yari ifashe amagufa atatu y'imbavu mukanwa. Ni ikigereranyo.Hanyuma abona hahaguruka ubundi bushobozi,impfiziy'impene yagereranya ikintu kanaka. Hanyuma abona hahaguruka ubundibushobozi, ingwe ifise imitwe myinshi. Yagereranya ubwami kanaka. Hanyumaabona hahaguruka ikindi gikoko, intambwe nini ifise imihaha, igasiribangaibisigaye. Yagereranya ubushobozi butandukanye rwose.75. Bumwe bwari ubwami bwa Nebukadineza. Izi ni izindi nzozi. Daniyeliyarereretswe. Nebukadineza yarose inzozi maze Daniyeli arazisobanura, kandiivyo vyari buhuje n'ukwo kwerekwa. Amen!

47 Oh, mwomenya ivyaciye biba! Ivyaciye biba imbere y'uko tuva hano!Murabitahura? Gurtyo rero, inzozi zitandatu zitomoye zahuje neza na nezan'ukwo kwerekwa. Inzozi iyo zisobanuwe ni ukwerekwa; kubera yukokumbure umuntu ataremwe ku buryo bumutuma ashobora kugira ivyo yerekwakandi akanura, aho rero Imana ica yinjira muri ukwo kuntu aremwe mazeikavugana na we. Kuko yarasezeranye ko mu misi y'iherezo izogendereraabantu bayo icishije mu nzozi bo no mu kwerekwa. Iyo uriko urerekwa uba ukanura nk'uku nkanura hanyuma ugahishurirwaibintu bimwe bimwe. Uba uri aho maze ugaca uvuga neza na neza ivyo ari vyo,ukabona ivyabaye n'ibigira bishike n'ibindi n'ibindi. Nayo tuvugako ari inzozimu gihe

usinziriye, inkebuzo z'umubiri uko ari zitanu ziba zitariko zirakorakandi uba utomenya n'ibiriko biraba. Uba uri ahantu kanaka kubera yuko iyougarutse, uca wibuka aho wari uri. Muzoguma muvyibuka ubuzima bwanyubwose; ni muri ukwo kuntu mushobora kugira ivyo mwerekwa kandi mukanura.

48 Nk'uko wa mukenguzamateka Upshow yama avuga ati : « Ntimushoborakuba ico mutari.» Ni vyo. Namba wavutse ufise ingabire yo kwerekwa, ni ukokugira ushobore kubikora bikwiye ko za nkebuzo zitanu ziba zikora neza kandiukaba ushobora kugira ivyo weretswe. Atari mu gihe ku ruhande rumwe zankebuzo zitanu ziriko zirakora, ku rundi ruhande na ho ugashobora kugira ivyoweretswe ari uko inkebuzo zawe zitanu zikaba zitariko zirakora. Ariko iyowavutse ufise ingabire yo kwerekwa, kandi ukaba ushobora kugira ivyoweretswe ukanura, nturinda gusinzira. Uca winjira mu kwerekwa ibintu,nturinda gusinzira. Ntibisaba umwanya wo kurinda gusinzira ntushoborakwisinziriza. Gurtyo rero impano n'umuhamagaro vyashinzwe n'Imana. Niimpano n'umuhamagaro vy'Imana kandi Bibiliya ivuga ko itavyihanako.Murabibona? Vyashinzwe isi itararemwa.

49 Turabona ko igikoko co muri Daniyeli gisigura ko ubwami bwarikoburavyuka mu bantu. Na hano nyene, ukwerekwa kwa Yohana kwerekana kobwari ubwami, amahanga yariko arahaguruka. Gurtyo rero mu Vyahishuriwe Yohana 13, Leta Zunze Ubumwe za Amerikaziboneka nk'umwagazi w'intama. Aho rero, namba mwibaza ko mubizi nezamurashobora kuvuga ko iyi mirongo ivuga ku bushobozi bw'igihugu. Igikokocerekana kandi ubushobozi bwera, ivyo murabizi? Nimurabe yuko igiheEliyezeri, umushumba wa Aburahamu, yaja kurondera Rebeka, yamushize kungamiya, ya ngamiya nyene yari yahaye amazi. Kandi yagendeye kuri iyongamiya nyene agiye gusanganira umukwe atari yarigeze kubona. Igikokoyari yahaye amazi ni co nyene caciye kimutwara aho azoba no ku mugabo wiwe.

50 N'uyu musi ni co kimwe, murabibona. Ikintu Ishengero ririko rirahaamazi, ni urubuto, urubuto rw'Ijambo, ni rya Jambo nyene riba rizimamaze rikatujana i ruhande y'Umukwe wacu uwo tutarabona, murabitahura? Ni murabe ukuntu bitunganye! Isaka yari yavuye i muhira kandi yariyasohotse aja mu gahinga kure y'inzu yiwe igihe Rebeka yamubona; kandi Ishengero risanganira Kristo mu bicu akarijana i muhira kwa Data aho amazuyateguwe. Ukwo ni ko Isaka yabiriye Rebeka. Kandi nimurabe ko baciye bakundana bakibonana. Oh, bene Data, yaciyeyirukira kumusanganira! Uko ni ko Ishengero rizosanganira Kristo mu bicukugira ngo bazokwamane na We.

51 Ubu rero nimugaruke kuri Bibiliya zanyu. Ivyo bikoko ni Ubushobozi.Nimubirabe neza! Ubu nifuza ko mubona ko umurwanizi yari afise ibikokovyiwe bine yagenderako vy'amabara ahindagurika. Yari afise ibikoko vyiwebine, ifarasi y'igitare, ifarasi y'akagajo, ifarasi y'agafyiri, amabara yazo na yoavanze akaba yaciye agira iyi farasi ya kane ibenjutse. Kandi twabonye ko imwe imwe yo muri izo farasi yari intambwe y'igikorwaciwe, intambwe y'ishengero rya mbere ryari ryihinduyemwo idini i Nikaya.Ishengero ryavutse ku musi wa Pentekote, iryo Mpwemu Yera yariyamanukiyeko kandi akarisukwamwo ryakiriye impwemu ya antikristo, ribaidini, rivyara abakobwa batari bake ari yo madini, rihindura ubushobozi bwaryoincuro zitatu maze ribukoraniriza hamwe kugira gurtyo bukore ifarasi ibenjutse,iyahawe izina rya Rupfu maze rikayigenderako kugeza kw'iherezo ry'ibihe.Kandi biratomoye uko bishoboka kwose.

52 Ubu rero nimurabe ko yahawe iyo farasi kandi ko ariko arayigenderako. Uburero, nimwiyubare cane! Igihe antikristo yaseruka aribwo bwa mbere, yaserutseari mu mero iyihe? Mu mero y'ifarasi y'igitare, kandi namba hari uwutagira icoyagirizwa yari we, inyigisho isanzwe mw'ishengero. Bagomba ugufatanya kwabene Data. Mweho mufatanije na Kristo. Ariko ntibashobora kukwihanganira.Bagomba kugira... Ni uko, murazi ko mw'ishengero hazovyukautudumbidumbi. Mwebwe bapasitori, murabizi. Nk'uko bavuga bati : « Ibisabirasabirana. » Ariko namba turi abavukana, twavutse ubwa kabiri, si uko twaridukwiriye kwifata. Oya!

53 Namba tubonye ikitagenda neza muri bene Data, ico tugisengere kanditukigumize imbere y'Imana duce dukunda uwo muntu kugezatumugarukanye neza na neza mu nyonga z'Imana. Vyukuri ng'uko ukobikwiriye gukorwa. Murazi ko hazobamwo urwamfu, kubera yuko Yesu yavuze ko ruzobamwo,ariko ntimururandure kubera yuko mwohava murandurana n'ingano,murabibona. Nimubireke. Nimumureke azobitandukanya igihe ni cashika.Ni mubireke bikurane.

54 Ni murabe ko igihe cose ikinyabugingo caseruka, antikristo yaca asohokaagendera ku gikoko ari bwo bwari ubushobozi bwiwe. Oh, ivyo ndabikunda! Oh, ubu rero ntanguye kwumva nuzuye ukwubaha Imana! Kumbure niugusisimuka.Ubu rero nimurabe, igihe antikristo...Ivyo nahishuriwe ndi imbere ya yaNkingi y'Umuriro yari hejuru muri ca cumba! Oh, bene Data! Naho nagumandayibona kuva nkiri umwana, igihe cose inyegereye, irantera ubwoba. Itumamera nk'uwutaye ubwenge. Ivyo ntivyigera bimenyerwa. Ntibishoboka. Ni ivyera cane.

55 Ni murabe ko mu gihe antikristo yariko aragendera ku gikokoyagenderako kugira ngo akore, Imana yaca irungika ikinyabugingo kugirango kikirwanye. Murabibona? Ubu rero, nimurabe. Igihe cose antikristo yarikoaragendera kw'ifarasi yiwe, ari ku gikoko ciwe kugira ngo kimenyeshe igikorwaciwe, Imana na Yo nyene yaca irungika ikinyabugingo cisa kugira ngo gitangurekumurwanya. Kandi Ivyanditswe bivuga ngo : «Aho umwansi azozira nk'uruzirusenyerana, Mpwemu w'Uhoraho azomanika ibendera kugira

ngoamurwanye.» (Yesaya 59:19-Darby). Gurtyo rero igihe umwansi yaseruka nkaantikristo, Imana yaciye irungika ubushobozi kanaka kugira ngo bumurwanye.Hanyuma igihe yongera guseruka ari mu mero y'uwagendera kw'ifarasiy'akagajo (ibara rihindutse, ubushobozi burahinduka, n'igikorwa kigahinduka),Imana yaciye irungika ubundi bushobozi bumurwanya kugira ngo imugwanyemaze igumye Ishengero ryayo. Igihe harungikwa uwugendera kw'ifarasi agiragatatu, Imana yaciye yongera kurungika ikinyabugingo, ikigira gatatu, kugirango kimwerekane. Hanyuma aca arungika uwugira kane, Imana na Yo icairungika ikinyabugingo cayo kigira kane. Ni ho rero ico gihe antikristo ivyiwebiba birangiye, co kimwe na vya bihe vy'Ishengero. Nimubibone. Vyukuri ibi nivyiza.

56 Ubu rero mu gihe tubona ko umurwanizi yagiye ahindura igikoko incurozine, ivyo vyerekana ububasha yariko yerekana kw'isi ubwo ari bwo, n'ingeneivyiwe vyariko birarangirira muri iyi farasi ibenjutse, y'ibara ry'urupfu. Uburero reka turabe ubushobozi bwakoreshejwe n'Imana muri ivyo binyabugingokugira ngo bibirwanye.94. Ikinyabugingo ca mbere Imana yaciye irungika kugira ngo kirwanyeantikristo... Ya mpwemu ya antikristo, igihe cose yavuga, nta kindi yari iri atariinyigisho yayo. Nimwibuke ko igihe antikristo yatangura kugendera kw'ifarasi,bwari ubukozi bw'inyigisho. Antikristo yaciye agendera kw'ifarasi kugirango atangurire mu bukozi bw'inyigisho.

57 Nimwihweze uwugiye kumurwanya, Intambwe, Intambwe yo mu muryangowa Yuda ari We Jambo. Igihe cose inyigisho yiwe y'ikinyoma yaseruka, Ijambory'ukuri ryaca riza kumurwanya. Ni co gituma dufise uwitwa Irénée, uwitwaPolycarpe, Umweranda Martin n'abo bandi bose. Mu gihe antikristo yarikoaragendera kw'ifarasi afise inyigisho ziwe z'ibinyoma, Imana yaciyeirungika inyigisho yayo, ari ryo Jambo, Intambwe yo mu muryango waYuda ari ryo Jambo ryigaragarije muri Mpwemu Yera. Kandi MpwemuYera ari aho kugira ngo ayigaragaze, Yo ari ryo Jambo.

Igituma Ishengero rya mbere ryari rifise ugukiza indwara, ibitangaza,ukwerekwa n'ubushobozi, ni kubera yuko Ijambo rizima ryari mu meroy'Intambwe yo mu muryango wa Yuda ryariko riragendera kw'ifarasikugira ngo rirwane. Amen! Mbega mwabitahuye neza? Antikristo arungikaubushobozi bwiwe, Imana ikarungika ubwayo ari ryo Jambo. Antikristoakwiragiza inyigisho y'ikinyoma maze inyigisho y'ukuri igaca iza kuyirwanya.Iyo rero yari intambara ya mbere. Ishengero rya mbere ry'intumwa ni ryo rijakurwana na yo.

58 Hanyuma, igikoko kigira kabiri antikristo yaciye arungika cabaye igikokoc'akagajo, ico yaciye agenderako kugira ngo akureho amahoro mw'isi ahezeatere intambara. Kandi ikinyabugingo kigira kabiri caciye kiza kugira ngokimurwanye cabaye inyana. Yamara inyana (mu congereza : ikimasa) isiguraubutame, igikoko cikorera imitwaro.

Reka ubu rero, duhagarare akanya gato. Reka mpinyuze ko mwatahuye neza.Ivyo bihakwa kumera nk'ibibazazanira. Tugaruke kuri Tuwatira, maze turabe koatari ishengero riri mu butame. « Kandi wandikire umumarayika w'ishengerory'i Tuwatira, rit'Umwana w'Imana, afise inyonga zisa n'imbeya z'umuriro,ibirenge vyiwe bisa n'umuringa w'umwakaka, aravuga ibi, ngo Ndazi ibikorwavyawe (murabibona? Ubu rero vyose bibaye ibikorwa kubera yuko ari we arikoagendera kw'ifarasi ari kumwe na bo), n'urukundo rwawe, n'ukwizera kwawe,n'ingene ushitsa ibango ryawe, n'ukwihangana kwawe, kandi kw'ibikorwavyawe vyo hanyuma (ubugira kabiri, hongeye kuvugwa ngo ibikorwa vyawe)biruta ivya mbere kuba vyinshi. » (Ivyahishuriwe Yohana 2 : 18-19).

59 Murabona, ivyo vyerekana ko, mu gihe ca Tuwatira, antikristo amazekwiyimika no kwinjira mu gihe ca Tuwatira, nta kindi Ishengero rito ryaririshoboye kugira kiretse gutama. Ikindi na co inyana ni igikoko cogutangwako ikimazi. Murabona, baratangana ubugingo bwabo imitimaikunze uko bari bashoboye. Mu kiringo c'imyaka igihumbi, uhereye mu kinjana ca gatanu ugashitsa mukinjana ca cumi na gatanu, Katolika ni yo yagenzura isi kandi kuri bo yari « ego» canke « oya ». Gupfa nta co vyari bibabwiye. Namba kwari gupfa, vyari vyizacane. Ukwo biri kwose baragenda bagapfa. Kubera iki? Iyo nyene ni yo yariimpwemu y'ico gihe!

60 Ni co gituma Irénée, Polycarpe, Yohana, Paulo, abo bagabo bosebahambaye bahagurutse barwanya ico kintu. Paulo yari yarabibonye. Avuga ati :«Ndazi yuko ni namara kuhava, amabingira y'inkazi azobinjiramwo, ari bo beneData bazokwigisha ibigoramye, kandi ivyo bizobatesha inzira. » (Ivyakozwen'intumwa 20 : 29-30).

Nimurabe iyo ntumwa ihambara, ihagaze aho, ifise ku mugongo inkovuz'inkoni, amaso yayo atemba amosozi : ariko yarashobora kubona kure canekurusha amatarubindi (amajimeri) ahambaye, ayo bavuga ko ashobora kubonaku mamiliyaridi n'amamiliyaridi y'ibirometero. Yarashobora kubona no kugezamu guhoraho; ni co cari ikibanza ciwe. Kandi ivyo bintu yabivuze bitaraba,ariko avuga ibizoshika no mu bindi bihe bizoza.

61 Ni murabe ikibanza ciwe mu nyuma yiwe, intumwa Yohana yarikoagerageza kwegeranya ivyete vyose vyera vyanditswe biri munsi y'ugusigwakwa Mpwemu Yera kugira ngo abishire hamwe maze abikoremwo Bibiliya,Ubgami bw'Abaroma bwaciye bumufata buraheza bumwomorera mu kizinga ca Patimo. Yari kuri ico kizinga ahorwa Ijambo ry'Imana. Polycarpe yamufashijekuyishira mu zindi ndimi.

Igihe kimwe, narasomye icete Mariya ubwiwe yandikiye Polycarpe;ntiyariko aramunebagura ariko yariko aramushima kuba yari umugabow'umuhizi yari ashoboye kwigisha no kwemeza inyigisho ya Yesu Kristo, uwariyavyawe na we avuye ku Mana. Rwari urwandiko rwa Mariya ubwiwe yariyandikiye Polycarpe.

Murazi ko Polycarpe yagaburiwe intambwe. Oya, yaraturiwe. Hariharengeranye ko barekurira intambwe mu kibuga; ni ho rero baca basamburaakazu gashaje bogeramwo bakajana mu kibuga maze ibiti vyako barabimuturiza.

62 Yaciye mu nzira imanukayo ajondamitse umutwe maze umugabishaw'umuroma aravuga ati : « Uri umutama w'umwubahwa. Kubera iki udahakanaico kintu?»

Aca yirabira hejuru maze haca humvikana ijwi. Ntibari gushobora kumenyaiyo rizananye. Rivuga riti : « Polycarpe, ntutinye na mba ndi kumwe na we. » Kubera iki? Kubera yuko yari yishimikije Ijambo. Igihe batangurakumurundako imbaho ngo bamuturire, indirimbo ivuye mw'Ijuru yaciyeyururuka kandi haca humvikana indirimbo z'abamarayika. Nta n'ugukubitaakagohe kwabayeho; yari umugabo w'umuhizi, yari umugabo yashoborakuguma ashikamye.

Uko ibihe vyagiye bikurikirana, abishwe bahorwa Ijambo ry'Imanabarababajwe bimwe biteye ubwoba. Ariko none bari iki? Baribahumekewe, bari muri Mpwemu w'Imana, bari mu bushobozi. Shengeronamwe bene Data mwumviriza amakaseti, ibi ntimuvyibagire. Nifuza ko ibimubisuzuma : Abantu boshobora gute gukora ico ari co cose badafise bwabushobozi bw'Imana bwatanzwe ku bwabo?

63 Ngira nshire hano kano gakarato kugira ivyo ndavyerekane. Iyo Imanairungitse Impwemu kanaka muri bo, ikintu kimwe conyene gishoborakubakoresha ni Mpwemu akorera muri bo. Ubu rero ngira ndabibereke nkoresheje kahise k'Ishengero, nkurikijeimenwa ry'Ibimatanije ca Gitabo n'ubwo bushobozi bwose bwagiye burekurwa.Kandi nimwitegereze ukuntu Ishengero ryagendera muri ukwo gusigwan'ukuntu ritari gushobora gukora ibinyuranye n'ivyo.

64 Gurtyo rero, ica mbere cabaye iyo ntambwe yivuga, Ijambo ritunganye,ritavanze. Ica kabiri, ari co ca Tuwatira, cari inyana; cari igikoko cikoreraimitwaro; kandi cari igikoko co gutangwako ikimazi. Mbega none ntiryari ryaShengero rito? Uburoma bwari bwahashinze imizi muri ca gihe c'umwijimacamaze imyaka igihumbi kandi abatatura ko ari ab'ishengero ry'i Roma bosebaca bicwa ubwo nyene; bategerezwa gucumukura no kugenda bariinyambukira.

65 Namwe Aba « franc - maçons », nifuza kubakebura. Mbega muribuka rwarumenyetso rw'umusaraba? Murazi ico ndiko ndavuga. Nimuvyihweze neza,ukwo ni ko barinze bongera barazigama Bibiliya. Murabibona ? Kandi bosebategerezwa gucumukura. Ni uko biri! Ni inyana. Kandi igihe kigeze (twarabisomye ejo ku mugoroba), igihe ca gikokocegereza maze ca kimazi kikaza, maze bikaba ngombwa ko bitahira, aravuga ati: « Amavuta na vino ntugire ico ubikorako. » None baciye bakora iki? Baremeyekwicwa ata guhigimanga.

66 Nta co bari banezwe kubera yuko ico gihe impwemu y'Ishengero yariimpwemu y'ikimazi no gutama. Kandi baremeye baricwa nk'ikimazi n'imitimaikunze uko bari babishoboye, basizwe amavuta ya Mpwemu w'ukuri w'Imana kubw'ico gihe, barapfuye nk'abahizi bishwe nk'ibimazi, ibihumbi n'ibihumbi,imiliyoni mirongo itandatu n'umunani nk'uko igitabo kivuga ivy'abishwebahorwa gushingira Imana intahe kibivuga. Inyana, ikimazi.

Oh bene Data, ivyo murabitahura? Ni uko. Kandi muri ico gihe, ikimaziconyene ni co cari gishoboye gukora kugira ngo kirwanye rwa ruhamo rwamazeimyaka igihumbi.

67 Hanyuma igikoko kigira gatatu caciye cegereza kivuye kuri wa murwanizicabaye ya farasi y'agafyiri. Ikinyabugingo kigira gatatu caciye giseruka cariubushobozi buvuye ku Mana kugira ngo burwanye inkomezi z'ifarasi y'agafyiriyabaye umuntu w'inkerebutsi, umunyabwenge afise ubwenge bw'Imana.

Murazi, umuntu ni umunyabwenge cane kurusha igikoko ico ari co cose.Murabibona? Ni umunyabwenge cane kubera yuko ashobora kugitesha ntigikoreivyo gishaka gushikako umwanya utari muto. Murabona ko ari inkerebutsi,umunyamayeri. Yinjira muri ico gihe c'umwijima ariko agendera kw'ifarasiyiwe y'agafyiri, igihe barihishirizamwo ibimazi n'ibindi vyose. Amafaranga nayo... Murazi uko vyari bimeze.

68 Gurtyo rero icaciye giseruka ngo kibirwanye cari ikinyabugingo gifise mumaso h'umuntu : umunyabwenge, yize, abona kure, ameze neza, yasizwe naMpwemu amavuta y'ico gihe. Mbega ivyo murabibona?

Yagiye kumurwanya afise ubukerebutsi bw'ubenge bw'Imana bwari muriwe. Cabaye igihe c'ukuringaniza ukundi gusha ibijanye no gusenga igihe caMartin Luther, igihe ca John Wesley n'abandi. Murabona, kwari ukuringanizaukundi gusha ibijanye no gusenga. Zwingli, Knox, Calvin n'abandi bose baciyebaseruka. Bari bafise ubwo bukerebutsi bw'ubwenge.

69 Ubu rero nimwihweze ibi. Kuva mu kinjana ca cumi na gatanu uko ni kovyagenze, kuva mu gihe co kuringaniza ukundi gusha ivyo gusenga.Nimwihweze ubwo buryo bwo gukora, ivyo vyavuye ku bukerebutsibw'umuntu. Ubu rero nimutahure : iki gikoko kigira gatatu Satani yarungitse naco nyene caciye gicika ikibona kure.

Ni murabe ibi : « Ingero imwe y'ingano n‟idenariyo idenariyo, n'ingerozitatu za sayiri n'idenariyo-idenariyo », murabibona? Oh, bene Data, uburyobakoresha kugira ngo baronke amafaranga, ubugunge bwo kwigarurira izahabuyo mw'isi bo n'ububasha buyiherekeza! Uko ni ko neza na neza ivyo vyakozwe.Baciye batangura kurihisha ibisabisho maze baca bashiraho ahantu hitwaipurugatori. Bama bayikuramwo ba sekuruza bakoresheje ubwinshi bw'amasengesho kandi bategerezwa gusiga ivyabo, amatongo yabo n'ibindi. Ishengero na Leta vyari ikintu kimwe kandi ishengero ryarigarurira ivyanyu.

70 Kandi rero ntimubona ko abavugabutumwa bamwe bamwe bagifise kuri boukwo gusigwa? Batuma abatama batanga amafaranga yabo yo mu bukukurukebwabo, batanga amazu yabo kandi bakanakora ibindi bintu. Ariko bene Data,ivyo bintu singomba kuvyinjiramwo. Tubirekere aho! Ndasubiye inyuma kugirango ndabe iyo ndiko ndaja. Abo bantu, ivyo birabaraba. Ivyo birabaraba. Ivyonta co bintwaye. Njejwe gusa ibi.

71 Ubu rero ni murabe ko ikinyabugingo caje kubirwanya yari umuntu. Tweseturazi ko ico kinyabugingo ari co muntu, ubwo bushobozi bw'umuntu mubumenyi bwiwe bwaremeje ko ya hositiya Martin Luther yari afise mu kiganzaciwe igihe yurira ingazi... Bavuga bati : « Aya ni Amaraso ya Yesu Kristo. Iki niUmubiri wa Yesu Kristo.»

Kandi Luther yasambuye iyo nyigisho, avuga ati : « Ni umutsima na vino!Si umubiri wa Kristo, kubera ko Uyu yazamuwe kandi avyagiye i buryobw'Imana, akora igikorwa c'ubuvugizi. » Murabibona? Bwari ubwenge, yari umuntu.

72 Kandi igihe John Wesley yaza havuye Zwingli na Calvin, yaciye ashiraishengero mu mutekano ku buryo ritari rikigomba ikanguro : « Uko biri kwose,ibitegerezwa gushika vyose bizoshika. » Ni ko vyari biri. Kandi bigenjeje ukobagomba kwose. Amashengero ya Luteriyano na Angirikane yarononekaye cane(Oh bene Data!) ku buryo igihugu cose cononekaye kugeza naho kiba ico kuriuno musi. Amashengero yaragoretse... Igihe wa mwami Henri VIII yafataubutegetsi mu Bwongereza havuye Mary wa mugore w'umwicanyi maze ivyobintu vyose bigaca bishika, ishengero ryaciye ryuzura umuryano n'ubwononyi.Abantu biyita abakristo ariko bakabana n'abagore bane canke batanu, bakoraibihwanye n'ukwifuza kwabo maze basubira kwivurunga mu myanda.

Mu kwiga Ivyanditswe no mu kubisesangura, John Wesley yarahishuriweko Amaraso ya Yesu Kristo yeza uwizera. None yaciye akora iki? Yaciyearinganiza ukundi gusha ivyo gusenga. Murabona ko yakijije abantu b'ico gihenk'uko Luther yabikoze. Ivyo vyagenze gute? Vyaciye mu bushobozibw'ikinyabugingo, bw'uwo muntu yaje.

73 Yaciye iha umuntu ubwenge kugira ngo atahure ko ivyo bintu vyariibinyoma. Si Amaraso ya Yesu Kristo; Si umubiri wa Yesu Kristo : ivyobigereranya wa mubiri. Murabibona? Ubu rero kiracari ikintu gihambayeAbakatolika n'Abaporoti bagiharirako. Ubu ni co kintu conyene badashoborakwumvikanako. Harabaye amanama kuri ivyo. Vyose barashobora kuvyumvikanako ariko ivyo ntibashobora kuvyumvikanako. Umuvinyu ni womaraso kandi bavuga ko ari amaraso nyene. Bavuga ko patiri afise ububashabwo guhindura uwo mukate maze akawuhindura Umubiri wa Kristo ubwawo.

Ng'ico igituma mu mashengero yabo harimwo uruhimbi. Murazi ko ari cogituma bahakorera ibimenyetso n'amashikanwa y'ubwoko bwose y'ubupagani,bagapfukama, bagakura inkofero zabo, n'ibindi. Ntibababikorera inyubako; babikorera ihosiya mw'itaberenakuro.

74 Ni murabe ubugunge Satani yakoresheje mu kwinjiza ivyo. Arikomurabona, ico gihe nyene Imana ica ishira impwemu y'ubwenge mu muntu,ikiremwa muntu kugira ngo atahure ko ari ibinyoma. Kwari ukugira ngoatahure ko ari ibinyoma. Kwari ukugira ngo uwo yaringanije ukundi gusha ivyogusenga arwanye ico gikoko cagira gatatu, ico antikristo yariko aragenderako,cari cononye cane ishengero ku buryo vyari biteye ubwoba. Mu gihe ca bamwe baringanije ukundi gusha ivyo gusenga bakoze iki?Baciye bagarukana ku Mana ishengero ryari ryihebeye imisi mikuruy'abanyamahanga no gusenga ibigirwamana. Ico ni co catumye ca kinyabugingogihaguruka kugira ngo kirwanye umwe agendera kw'ifarasi gifise ubwengebw'umuntu.

75 Ubu rero reka dusome mu kanya gato Ivyahishuriwe Yohana 3 : 2. Ibisinavyanditse ngaha ata gituma. Uyu murongo utwinjiza mu gihe ca Luthern'igihe co kuringaniza ukundi gusha ivyo gusenga. Ico bakoze ni uko baciyebikorera idini. Luther agiheza gutanguza ishengero ryiwe, baciye barigira idini.Na Wesley yakoze uko nyene, n'Abapantekote ni co neza na neza bakoze :baciye bikorera idini. None baciye bakora iki? Baciye bakora nk'uko bahorabakora iyo bari barasohotse bava.

Nimwihweze iyi mirongo yo mu Vyahishuriwe Yohana ivugakw'Ishengero ry'i Sarudi, ku mumarayika

w'Ishengero nk'uko tubibona kumurongo wa mbere. « Gira ube maso, ukomeze ibisigaye ( ni Ijambomwigishijwe), ibisigaye bigira bipfe : (ryiteguriye ryose gusubira mw'idini risaneza na neza n'ishengero Katolika ryasohotse rivamwo) kukw'ata bikorwavyawe nabonye bisozerewe imbere y'Imana yanje. »

76 Aho ni ho muriko muraja. Bama bagaruka kuri vya bindi. Ntimubonaukuntu uburyo amadini akoramwo ari ikinyoma? Ni nde yatanguye? Mbega niImana? Mbega ni intumwa? Oya, ni ishengero Katolika ry'i Roma ryakoze ivyo.

Nta wize ivya kahise n'umwe yobibeshuza. Bavuga ko ari bo shengeronyina w'ayandi, ari na co bari. Ariko baciye babigira idini rirongowe n'umuntu. Twebwe abaporoti ntitwashizeho nka bo umuntu umwe gusa;twashizeho umugwi w'abantu maze tubashira hamwe, ni ho rero vyukurihariho amadidane. Ni ivy'ukuri. Uko biri kwose ni iciza ki cova mu mugwiw'abantu?

Ni ko biri no mu gihe twiyumvira ko intwaro rusangi ibereye. Na jewe niko ndavyiyumvira, ariko ntizokwigera ikora nk'uko bibereye. Hamwe n'akokagwi ka ba « Rickys » ntibishoboka ko itera ija imbere. Mwoshobora gutegutuma intwaro rusangi ikora uko bibereye? Ntibishoboka. Nimurabe koikibereye ari uko habaho umwami yubaha Imana.

77 Ni murabe ko ca kinyabugingo, ca kinyabugingo kigira gatatu, bwariubwira bw'umuntu. Cerekana bamwe baringaniza ukundi gusha ivyo gusengabasohotse bava mu vyo gusenga ibigirwamana vy'ubupagani, bavuga bati : «Nta kindi atari umutsima, nta kindi atari vino. » Murabona, antikristo yama afiseikintu co gushushanya ivy'ubukristo. Akora uko kuko abirwanya. Ariko hamweyoza kutubwira ati : « Ndi uwo mw'idini ry'aba boudha », ivyo nta na kimwevyomufasha; kubera yuko yamye ari umupagani kuva mbere. Ariko antikristo niingunge. Arafise ibintu vy'ubwoko bwose vyerekana ivy'ubukristo, arikontiyagarukirije aho maze aca ashiraho ikintu kinyuranye n'inyigishoy'inkomoko y'ivy'ubukristo. Ni co kimugira antikristo.

Gurtyo bamwe baringaniza ukundi gusha ivyo gusenga, igihe cakinyabugingo cegereza gifise ishusho y'umuntu kugira ngo kirwane... Shengero,ivyo ntimuvyibagire, ntimuvyibagire! Imisi yose yo kubaho kwanyu mwamemuvyibuka. Ivyo binyabugingo birerekanwa mu buryo butomoye. UKU NIKOUHORAHO AGIZE. Murabibona.

78 Ikinyabugingo gisa n'umuntu caciye giseruka gifise ubushobozi bw'Imanagikoresheje ubwenge cari cahawe n'Imana, maze gikura ishengero mu gusengaibigirwamana kibagarukana ku Mana. Ariko turabona ko muri ico gihec'Ishengero nyene Uburoma buzovyarira iryo shengero abakobwa (igihebatanguza amadini, bakoze nk'uko Uburoma bwakoze ku ntango). None yaciyeavuga iki? «Ubu nsanze udatunganye, ariko ukomeze ivyo bisigaye bigira bipfekandi vyasigajwe »

Ubu mwongere mumwumvirize ariko arabagabisha mu VyahishuriweYohana 3 : 3,ngo : « Ni wibuke rero ingene wakiriye kandi wumvise : uvyitondere, wihane » (mu yindi mvugo, niwibuke ko wasohotse uva muri ukwo kwononekara. Uburero wiyubare). Nuko rero n'utaba maso, nzoza nk'igisuma, na we ntuzomenyaigihe nzokwubira.»

79 Tubandanije, turaja kubona ko aca akuraho igiterekwako itara. Ni ivyo. Niigiki? Umuco w'ishengero. Ryasubiye neza na neza muri ya mikorere nyeneya rya dini ry'umwiza ry'ubupagani iryo ryasohotse rivamwo, kandi ni horikiri n'ubu. Na yo kuvuga ko hariho abantu b'imitima y'imvugakuri bibaza koivyo ari kwo Kuri! Abaporoti bapfa gutwenga Abakatolika ariko bameze nezana neza nka bo. Ni nko kuvuga bitandatu na cumi na bibiri kugabura kabiri,bihuje neza na neza n'Ijambo. Ni ubwenge bw'umuntu.

80 Menya neza ibi. Oh, ese ukuntu ibi ndabikunda! Nimwumve ukuntuabagabisha. Umwe wese muri mwebwe aremera (namba mutavyemera,munyandikire mumbaze ibibazo) ko ivyo binyabugingo bigaragara mu gihe cosec'ishengero nk'uko Bibiliya yabigaragaje hano? Ico nyene ni co vyakoze. Inkuruzavyo zirerekana ico vyakoze. Turaraba gusa hano maze tukabona ico vyakoze.

Ubwa mbere ntavyo nari bwigere menya. Nari nicaye aho kandi nk'ukumubona aha ni ko nashobora kubona neza ibiriko biraba. Kandi birakwiye kokoko biba vyo, kuko ivyo bihuje na Bibiliya; Aho rero, ni igiki kindi mucamukora, kiretse kuvuga ikiri co?

81 Ubu rero ni mubone ko ikinyabugingo kigira kane carungitswekurwanya antikristo ari mu gikoko ca nyuma. Mbega muriteguye?Ikinyabugingo ca nyuma ari bwo bushobozi bwa nyuma bwarungitswekurwanya antikristo yarwanya inyigisho z'Imana, cabaye inkukuma.Ikinyabugingo kigira kane cari inkukuma. Ubu rero mwebwe muriko mwiga ibibihe vy'ishengero, nimusuzume Ivyanditswe muraja kubona ko yari inkukuma.Muri Bibiliya, igihe ca nyuma c'ishengero ni igihe c'Inkukuma kandiImana igereranya abavugishwa na Yo n'inkukuma. Ubu rero, igihec'Inkukuma, ni co gihishura Ijambo ry'ukuri. Murabibona?145. Imbere yo kwinjira mu gikorwa, nk'uko yabikoze mu gihe ca Nowa,Imana yarungitse inkukuma. Igihe yasohora Isirayeli, ingabo za Farawo nazozikaba zari ziteguriye kuyikurikira, yaciye irungika inkukuma. Igihe cose yamairungika inkukuma. Ivyo mwoshobora kubihindura gute? Yama irungika

inkona.

82 Kubera iki? Ni Uwuhishura ukuri kwari kwaretswe mu bihe vyosevy'ishengero. None rero ya nyana, wa muntu canke vya bikoko bikurikirana,vyari kwigera bishobora guhishurwa gute imbere y'ukuza kw'inkukuma? Vyaribifise ikibanza cavyo. Vyari ibinyabugingo vyatumwe co kimwe n'abandi bose.147. Intambwe yari iy'inkomoko. Aho ni ho antikristo yatanguriye intambara.Hanyuma Imana ica ihagurutsa ubundi bushobozi antikristo na we aca yongerakurungika ubundi kugira ngo bugwane na bwo. Hanyuma Imana yongera guhagurutsa ubundi bushobozi antikristo na we aca yongera kurungika ubundikugira ngo burwane na bwo. Ubu naho kuri ubu bushobozi bwa nyuma,irungika inkukuma kugira igarukane abana ku kwizera kw'inkomoko kwaba se. Ni igihe c'Inkukuma. Mwabonye aha ko ata vy'ibinyabugingobikivugwa? Nta bindi. Birarangiye.

83 Ubu rero sinzi ko mushobora gufata Ivyahishuriwe Yohana 10 : 1-7(ndamaze kuhishimikiza). Muribuka ibitegerezwa kuba mu gihe c'intumwa yanyuma? Amabanga yose y'Imana azohishurwa azoba yahishuwen'inkukuma.

Mbega mwabonye ivyo bikoko uko ari bine ukuntu bigenda. Vyukuri vyarivyo. Mbega muravyizera? Ubu rero raba igihe cose, canke Ubushobozi bwosebwagendera kw'ifarasi inyuma yaco, kandi ng'ivyo Ivyanditswe vyerekanaivy'umwe yagendera kw'ifarasi ari ku ruhande rw'umwansi yakoze. Ivyovyarahishuwe muri ibi Bimatanije ca Gitabo. Ubu vyarahishuwe ko bumwebwose muri ubwo bushobozi bw'ibinyabugingo vyarungitswe n'Imana kurwanabuhuje neza na neza ata kivuyemwo gushika mu gihe c'inkona.

84 Ariko namba turi mu gihe c'iherezo, Inkukuma igiye kuza. Ni ivy'ukuri.Mwibuke ko mu gihe c'ukuza kw'Intambwe ari ryo Jambo ry'inkomoko,ntihabonetse abantu barenga umwe kw'ijana bumvirije iyo ntambwe. Mu gihec'ukuza kw'Inyana, habonetse abantu bari ku rushi gusa bumvirije ubutumwabwiwe. Mu gihe c'ukuza kw'Umuntu murabona ko akorera mu bantu. Yabonakure. Yasohoye umugwi mutoya, ariko none baciye bakora iki? Satani ivyoyarabibonye. Ni co gituma yaciye abasubiza inyuma mu kubatuma babiranan'idini. Kandi mwibuke, amaherezo igihe Inkukuma izozira, umwe mu bantu ibihumbi cumi ni we wenyene azoyumva. Ni igihe c'inkona.

85 Ni mwibuke, abo bandi bagendera ku mafarasi bose... Yesu ubwiweyarivugiye bitaraba ko iyo atihutisha ukuza kwiwe, hatobonetse n'umuntun'umwe yoshobora gukizwa ngo azamurwe. Mbega, ivyo ntibivugwan'Ivyanditswe? Murabona aho tugeze, si vyo ga bene Data na bashiki banje?Murabona aho tugeze? O Mana, ndanezerewe cane! Sinzi ico nokora!

Sindi ngaha kugira ngo mvuge gusa. Ndi umwe muri mwebwe. Ndi hagatiyanyu. Ni jewe. Ndafise umuryango, bene Data na bashikanje nkunda. KandiImana yo mw'Ijuru yabaye nziza rwose kubona ubwayo yaramanutse igahishuraibi bintu biciye mu kwerekwa kwagaragaye ko ari uk'ukw'ukuri muri iyi myakamirongo itatu ishize. Aho ni ho turi. Twahashitse.

Ubushakashatsi bwaravyemeje. Ijambo ryaravyemeje. Kandi aha ni ho turi;n'uku guhishura kuva ku Mana, kandi ni Ukuri.

86 Hari ico mwatahuye muri ivyo vyose? Aho rero sinzongera kubivugako kuw'iyinga uza. Raba ukuntu ivyo vyose ari vyiza cane! Igihe gishitse aho Imanayagira ikize abantu b'imbere y'umwuzure, yarungitse inkukuma. Mu gihe yariigiye kubohora Abisirayeli, yarungitse inkukuma. Murizera ko mu gihe Yohanayahabwa ubu butumwa ari ku kizinga Patimo, ubu bwari butunganye cane kuburyo n'Imana itashoboye kubuzeza Umumarayika?

Murazi ko umumarayika ari intumwa, ariko mwari muzi ko intumwa ariuwuvugishwa n'Imana? Mbega ivyo muravyizera? Reka tuvyerekane.Ivyahishuriwe Yohana 22. Turabe ko ari Inkukuma. Ni umumarayika; niintumwa. Ariko ni uwuvugishwa n'Imana ahishurira Yohana Igitaboc'Ivyahishuriwe Yohana cose. Dusome Ivyahishuriwe Yohana 22 : 9,« Arambarira, at'oya sigaho; nd'umugurano mugenzawe, kandi ndi mugenzi wabene So, abavugishwa n'Imana...»

Ni murabe ivyo Yohana yabonye hano ku murongo wa 8 : « Ni jeweYohana numvise ivyo, ndavyibonera... (ubu rero ararangije. Ni igice ca nyuma);Maze kuvyumva no kubibona, nikubita hasi imbere y'ibirenge vy'umumarayikaanyeretse ivyo, ngira ndamusenge...»(Murabona ko aho hari we n'umumarayika) At'oya sigaho... (nta wuvugishwan'Imana w'ukuri n'umwe canke intumwa iyo ari yo yose yoreka ngo bayisenge.« At'oya sigaho; nd'umugurano mugenzawe, kandi ndi mugenzi wa bene So,abavugishwa n'Imana, n'uw'abitondera amajambo y'iki gitabo. Imana ba ariYo usenga. »

87 Murabibona? Namba kino Gitabo ari ic'ingirakamaro kugeza aho, ni ukoari Ijambo ry'Imana. Ubu rero mwiyubare cane! Iyo Ijambo ry'Imanarizanywe, birakwiye ko rizanwa n'uwuvugishwa n'Imana, kuko Ijambory'Imana ni we rizako.

Nari niteze ko mu gasandugu nja gusangamwo ikibazo cerekeye ivyobintu. Nari niyumviriye kubivugako. Ndiyumvamwo ko hari ikirimwo. Ni cogituma nibaza ko nja kwinjira muri ico cigwa, murabona.

Ijambo ryose ry'Imanarirakwiriye kuvugwa. Bibiliya ntiyigera ihindura ukuntu ikora. Murabona, ni kovyama bimeze. Birakwiye ko riza ku wuvugishwa n'Imana uwo turindiriye koaza. Ivyo muzobibona mu Vyahishuriwe Yohana 10 : 1-7. Ariko reka twongeredusome rindi rimwe umurongo wa 9.

88 Imbere y'uko dushikira uwo murongo nifuza kubabaza ikibazo kimwe.Ivyo murabibona vyukuri, imbere y'uko tuva muri ibi vya mbere Bimatanije caGitabo? Ubu rero nimwibuke ko ata bushobozi bundi buseruka inyuma y'iyonkukuma; nta buriho. Igihe cose antikristo yarungitse ikintu kanaka, Imana yaciye irungika ubushobozi. Antikristo yagira ngo arungitse ubundi bushobozi,Imana na Yo igaca irungika Ubushobozi kanaka bwo kuburwanya. Murabibona.Hanyuma igera ku nkukuma : ryari Ijambo ryayo risubiye mu kibanza ryaririfise ubwa mbere.

89 Ubu rero ni mwihweze ibi. Mbega uwuvugishwa n'Imana twiteze ko aza siumuntu yarobanujwe amavuta na Mpwemu nka Eliya? Koko, ntazoba ari Eliyaariko azoba ari umuntu ameze nka we azomanuka kandi n'ibango ry'igikorwaryiwe ni iryo kwerekeza, kugarukana ku kwizera kw'inkomoko kwa ba se abobantu bari bagwishijwe n'ukugoreka kwo mu madini.

Mbega ivyo vyose ntibitwereka ukuntu ivyo vyose biri muri Bibiliya? Ntana kimwe noshobora kwongerako kuko ari uko biri. Ivyo birashitse. Ni ukuri. Nihagira ico mugukurako ico ari co cose muzoba mukugoretse. Murabibona? Ukoni ko ivyo bitegerezwa kugenda.

90 Turabe rero Ivyahishuriwe Yohana 6 : 9 « Impwemu z'abishwe bari munsiy'igicaniro » Ubu rero aha ni ho vyukuri tugiye gutangura kudahuza. Arikonimurindire akanya gato gusa. Nanje ni ko navyiyumvira ariko si ko vyaje.Namye nibaza ko impwemu z'abishwe bari munsi y'igicaniro bari abishwebahorwa gushingira intahe Yesu Kristo bo mw'Ishengero rya mbere kandisinkekeranya ko Dogiteri Elias Smith n'abandi bose bavuga ko ari ivyo. Nanjeubwanje ni ko nahora nibaza. Ariko igihe Mpwemu Yera yabinyereka, naciyembona ko bitari ivyo, ko zitari izo mpwemu.

91 Mwovuga muti : « Aho rero, ntavyo nzi. » Aho rero, nimurindire akanyagato gusa. Turaja kubibona. Izo mpwemu z'abishwe si iz'abo mw'IshengeroMugeni, haba namba. Twahora twibaza ko ryari Ishengero-Mugeni, izompwemu z'abishwe bari munsi y'igicaniro barindiriye batakambisha ijwirirenga bati : « Mwami uzogeza ryari, uzogeza ryari? »Reka rero dusome uyu murongo kugira tubitahure neza.«Kand'amenye ica gatanu kimatanije ico gitabo, mbona musi y'igicaniroimpwemu z'abishwe bababahora Ijambo ry'Imana no gushinga intahe bari bafise.»

92 Rabe Ijambo ry'Imana n'intahe bashinga. Ubu rero tugume aho, akanyagato gusa.« Batakambisha ijwi rirenga, bati Databuja wera w'ukuri, uzogeza ryari kudacaamateka no kudahora abari mw'isi amaraso yacu? Umuntu wese muri boahabga imvune Yera, babarirwa kumara iyindi misi baruhuka, gushitsaah'igitigiri c'abagurano bagenzi babo na bene Se, bagira bicwe nka bo, kizoshikira. »

93 Namba mubibona, kuri bo ico gihe, igihe iki ca gatanu kimatanije caGitabo kimenywe Ishengero riba ryagiye. Izo mpwemu z'abishwe barimunsi y'igicaniro ntizishobora kuba izo abo mw'Ishengero rya mbere. Uburero ni co gihe nyaco mukwiriye kuntega yompi kuko iki ni icigwa abantubadahurizako, ni co gituma ubu ndabasavye kwumviriza neza. Kandi ibikenewevyose ngo mwandike murabifise. Ubu rero ndifuza ko ibi mubibona.

Rero ntizishobora kuba izo mpwemu z'abishwe bahorwa Kristo,bagororoka bo n'abagororotsi, Ishengero, Umugeni, ziba zamaze kuzamurwa,gurtyo ntiziri munsi y'igicaniro. Ziri kumwe n'Umukwe mu Bwiza. Ibinimuvyihweze neza. Zarazamuwe, ku gice ca 4 c'Ivyahishuriwe Yohana,zarazamuwe.

None izo mpwemu ni ba nde? Ni abazoza hanyuma. Namba atari abomw'Ishengero rya mbere, none ni bande ? Ni Isirayeli itegerezwa gukizwank'ihanga, abatoranijwe bose. Ni Isirayeli. Ni Isirayeli ubwayo.

Mwovuga muti : « Oh, nimurindire akanya gato! Ntibashobora...»

94 Oh egome, bazokizwa. Reka dutomore ibintu aha nyene. Natororokanije imirongo inecanke itanu yo mu Vyanditswe. Ndafatamwo umwe. Dufate mu Baroma 11maze turabe ko bakijijwe. Reka tuhasome maze iyi mirongo irabitwibwirira.Nimwumve ibivugwa na Paulo mu Baroma 11 : 25, 26, ari na we avuga kohagize umuntu, canke Umumarayika avuye mw'Ijuru, yigisha ubundi Butumwa,ngo agenzwe gute ? Avumwe ! Ubu rero, nimwumve. « Bene Data, singomba komutamenya iri banga, mwoye kwiyita abanyabgenge, n'iry'uko habayegukomantaza imitima y'Abisirayeli, ariko si bose (aho ni ho turi), gushitsa ahoigitigiri gikwiye c'abanyamahanga kizokwinjirira mw'ishengero.»

95 Aba nyuma bo mu Mugeni wo mu banyamahanga bategerezwa kwinjizwamu Mugeni. Ni muri iyo ntumbero Abisirayeli bahumwe amaso. « Ni vyababirtyo, Abisirayeli bose bazokizwa, nk'uko handitswe, ngw'i Siyoni hazovaUmurokozi, azokura muri Yakobo ukutubaha Imana.»

Mbega ni vyo ? Ni Abisirayeli bari munsi y'igicaniro. Ibi muvyihwezeneza. Abisirayeli barahumishijwe ibigira nkana kugira ngo dukizwe. Ivyomuravyizera ? None ni nde yabahumye amaso. Ni Imana. Imana yahumishijeabana bayo bwite.

96 Ntibitangaje kubona ca gihe babamba Yesu Abayuda barasavye Amarasoyiwe basemerera. Bari abana biwe bwite na We yari Ivyanditswe. Ubwiwe yariWe Jambo. We yari azi ko abo bantu bazomwakira ata gahato, ni co gitumayabahumishije ku buryo batanamumenye. Yaje mu buryo bwiyoroheje canekandi yarabahumishije kugira ngo ntibamwakire. Ivyanditswe vyavuga ko bazobikora; kandi yarabahumishije. Barahumishijwe. Yesu yaranabumviyeakagongwe cane ku buryo yavuze ati : «Data ubaharire kuko batazi icobakora.» Bari impumyi. Paulo yavuze ko hari icatumye bahumishwa,bahumishijwe ku bwacu.

97 Ubu rero mwiyubare cane. Bahabwa imvune ndende. Ntazo bari bafiseubwa mbere. Umwe umwe wese ahabwa imvune yera ndende. Yamara abera bobari bamaze guhabwa izabo. Baziherewe ngaha. Ariko hariya, bahawe imvunendende mu gihe abera bari bamaze kuzihabwa kandi bari bitahiye. Murabibona?Nta mahirwe na makeya bari bafise kubera ko Imana ari Yo Se wabobwite, yari yabahumishije kugira ngo ubuntu bw'Imana bushoboregushitswa kandi ngo Umugeni ashobore gukurwa mu banyamahanga. None si vyo ?

98 Mureke ndabereke aha ikigereranyo ciza muri Yosefu. Yosefu yari umuntuw'impwemu, inkukuma ; yavukiye muri bene se, neza na neza nk'uko Ishengeronyakuri rivukira hagati mu rindi. Yarashobora gusobanura inzozi kandiyarerekwa, abandi bakamwanka. Ariko se yaramukunda. Nimurabe ko munyuma yahavuye yankwa na bene se, ariko ntiyankwa na se. Yanswe na bene semaze bamugurisha intete z'ifeza mirongo itatu. Yaterewe mu rwobo aca yitwauwapfuye. Hanyuma aca ashirwa i buryo bwa Farawo kandi, kubera ko yariyanswe na bene se, yaciye aronka umugeni wo mu banyamahanga, atari uwo mubwoko bwiwe.

Muri ukwo kwabirana ni ho havutse Efurayimu na Manase, bongewe ku baIsirayeli, nk'uko Isirayeli yabahezagiye anyuranije amaboko, ukwari kuja kubuheta kuja ku mfura, kugira ngo imigisha yogiye ku Bayuda ije kuBanyamahanga. Murabibona ? Yanyuranije amaboko kugira ngo ahezagireumwana w'umuhungu, w'ubuheta yagereranya ishengero ryari rigiye kuzoza.Ishengero ririvyara rihagaze mu zuba. Ni ryo rivyara uwo mwana(Ivyahishuriwe Yohana 12 : 1). Kandi nimurabe ko kugira riwuronke, Isirayeliyanyuranije amaboko nk'ikigereranyo. Abo bana bompi ba Yosefu bari bafisenyina yavuye mu banyamahanga. Bivuye muri ukwo kunyuranya amaboko, waMugeni Isirayeli yavuye mu kutabanduka ku Vyagezwe aja mu bukristo biciyekuri Mpwemu Yera ari We yari yanyuranije amaboko ya Isirayeli. Isirayeliyavuze ati : «Ni Imana yanyuranije amaboko yanje. » Nta ruhara yari abifisemwo.

99 Ni mwitegereze ibi. Yosefu yanswe na bene se n'ubwoko bwiwe bwite,yaciye yabira umugore wo mu banyamahanga. Neza na neza ni vyo Yesuyakoze. Yanswe n'Abayuda, yaciye atora umugeni wo mu banyamahanga.Dusome imirongo yo mu Vyanditswe yo kubitwigishako, Ivyakozwe n'intumwa15 : 13 -14. « Barangije kuvuga, Yakobo aravuga…»

100 Ni murabe ivyari vyabaye : murabona ko bari bagiye mu banyamahanga,kandi hari habayeho ibihari kubera ko bari Abayuda. « Barangije kuvuga,Yakobo aravuga, ati Bagabo bene Data, ni munyumvirize. Simoni (Ni ukuvugaSimoni Petero) yabiganiye ingen'Imana yatanguye kugendera abanyamahangangw'ibarobanuremw'ubwoko bw'izina ryayo.»

Murabibona ? Izina ry'umugore wanje ryari Broy. Igihe namutwara,yaciye yitirirwa Branham. Yesu akura Ishengero ryiwe, canke ahubwo Umugeniwiwe mu banyamahanga. Mu Vyanditswe, Yosefu yari ikigereranyo c'ivyo.

101 Ni murabe ibi. Ubu rero turatahura icatumye izo mpwemu z'abishwe barimusi y'igicaniro barishwe n'umugabo w'umunyavyaha nka Eichmann bahorwagushinga intahe. Bagumye bashikamye (amamiliyoni yo muri bo), ariko bariAbayuda.

Muvyibuke. Vyari ibiki ? Barishwe bahorwa gushingira intahe Ijambory'Imana ariko atari kubwo gushingira intahe Kristo. Ivyo murabitahura ?Ariko mwibuke ko Ishengero ryinjiye,hamwe n'abo mw'Ishengero bishwe,bahorwa gushinga intahe, kubwo Ijambo ry'Imana no kubwo gushingira intaheYesu Kristo. Ni bangahe hano babizi ?

Neza cane, ariko aba bo nta ntahe bashingira Yesu Kristo : «…babahoraIjambo ry'Imana no gushinga intahe bari bafise. » Ni Abayuda. Kandi Hitleryarabanse, co kimwe na Eichmann, Staline n'abandi bose ; ariko bo bagumye ariabizigirwa ku vyo bizera maze barabica kubera ko bari Abayuda.

Mwari muzi ko Martin Luther na we nyene yasa n'uwufise iciyumvironk'ico nyene ? Ni ukuri. Yavuga ati : « Abayuda bose botegerejwe gukurwaho.Ni ba antikristo » Murabibona ? Ariko yari mu kindi gihe kandi ntiyabonaIjambo. Ubu rero Ijambo ry'Ukuri riragaragaye.

102 Mwoshobora gute gukuraho Isirayeli ? Ntimushobora kubikora. Oh, mbegawa muvugishwa yari gushobora gute guhagarara hariya hejuru wa musi mazeakavuga ati : «Usa n'imbogo, ewe Isirayeli, mu gihe bariko baronderakwerekana ububi bwayo ?Yavuze ati : « Haragahezagirwa uwuzoguhezagira, kandi havumweuwuzokwuvuma! »

Igihe kimwe bibaza ko Imana yagomba kubibagira. Igihe uwuvugishwan'Imana yabona ivyo bintu

vy'umwiza biza ku Bayuda, uwo mugabo yariahagaze aho mu gihe Ijambo ry'Imana ryariko rirasendanisha muri we, yavuzeati : « Oh, Mwami mbega ugira uhebe ubwoko bwawe ?» Imana ica iramwishura iti : « Ni igiki kiri hafi yawe ?» - Irenga ry'ikigeresho184. « Ijuru rifise uburebure bungana gute ? Ni ubugere. Ikiyaga gifise ubwinabungana gute?» Arishura ati : « Nta vyo noshobora. »

Ni ho rero Imana yaca ivuga iti : « Ni ko na jewe ntazokwigera nibagiraIsirayeli.» Oya. Ntizokwigera iyibagira. Vyabaye ngombwa ko ihumishaumwana wayo bwite. Ivyo nimuvyibazeko! Kubona ihumisha umwana wayobwite kugira iduhe akaryo, hanyuma tukavyanka! Mbega ivyo ntibibacishabugufi cane ku buryo mwoshobora gukukumba hasi musi y'ibirokosimamutiriwe muranagikorako? N'aho ntikwoba ari uguca bugufi bihagije! Oh, beneData!

103 Ego me, bari bumiye kw'Ijambo ry'Imana. Bari Abayuda. Bari bafiseIvyagezwe vyabo, kandi ni vyo bari bumiyeko. Nimwibuke ivyavuzwe ejo kumugoroba? Ivyo ni vyo bari bumiyeko. Kandi bari Abayuda, kandi bari bafiseIvyagezwe, kandi Ivyagezwe ni ryo ryari Ijambo ry'Imana. Bari bararyumiyeko.Ni ivy'ukuri. Kandi kubwo gushinga intahe bari bafise barishwe, kandi eheraba impwemu zabo ziri musi y'igicaniro Ishengero rimaze kuzamurwa.

104 Ubu rero nimurabe ibi. Mu kutabona kwabo barishe Mesiya wabo, kandiico gihe bariko baravyishura. Baravyibutse. Bavyibutse vyamaze kuba. Ivyobabibonye mu nyuma, igihe baza imbere y'igicaniro c'Imana. Ariko ubu reroubuntu bw'Imana buri kuri bo.

Ni mwongere murabe ibi. Nta buryo na bumwe bari gushobora kuba ariabera kubera ko bobaye baramaze kwambikwa imvune zabo ndende. Ariko ahani impwemu gusa z'aba bari musi y'igicaniro bishwe bahorwa Ijambo ry'Imanano gushinga intahe bari bafise kubera yuko bari ubwoko bw'Imana ari boBayuda. Ariko nimumenye ibi. Ubuntu bw'Imana bubajeko, kandi Yesu aciyeaha umwe umwe wese imvune ndende yera, Ishengero rikimara kujanwa, kuberayuko batari bahemukiye ico bahorwa, bari bahumishijwe ariko ntibabimenya.Ntibari babizi. Neza na neza bakoze ico Imana yabateguriye gukora. Ehe rabaYohana araramuye amaso yaciye abona impwemu z'abishwe bari musiy'igicaniro. Ibi nimuvyihweze. Izo mpwemu z'abishwe yarazibonye.Nimwumve ukuntu bataka.

Batakambisha ijwi rirenga bavuga bati : « Databuja uzogeza ryari,uzogeza ryari ? Ivyo ni muvyihweze !» « Hasigaye igihe gito.» (Mu gihe turiko turasesangura Ivyanditswe, rekatubirabe.)

105 Murabona ko baciye bamenya ko bari barishe Mesiya wabo. Na bo,barishwe bamuhorwa kugira ngo bishure ikibi bari barakoze. Nimurabe ikintubari barakoze ! Murabona ko bagirizwa ubwicanyi, ni co gituma bishwe. Baribarasemereye bavugabati : «Amaraso yiwe araba ari twebwe akora !» Ni ivy'ukuri. Kandibarahumishijwe. Iyo batari kuba barahumishijwe, Imana yari kuvuga iti : «Ntimwiteho ivyabo, nimubareke, ntibabereye. » Ariko kubera baribahumishijwe n'Imana, ubuntu bwayo bwaciye bubamanukirako mazeburababakorako. Amen. Emwe muvuga ubuntu budasanzwe ! Kandi umwewese ica imuha imvune ndende kubera ko Abisirayeli bose bazokizwa. Izinary'umwe umwe wese ryaranditswe. Ni ivy'ukuri.

106 Yesu abaha imvune ndende, nk'uko Yosefu yazihaye bene se. Niikigereranyo. Murabona, igihe Yosefu yari ahagaze hariya maze uburuhiroakimenyekanishiriza aho, hafi y'igicaniro, igicaniro ciwe bwite ahari intebey'Ubwami yiwe, yavuze ati : « Bose nibasohoke !» Umugore wiwe yari yamazekwigira hariya mu ngoro, ahazoba hari Umugeni. Hanyuma aca ababwira ati : «Ntimumenye ? » Aha rero yavuga mu giheburayo : « Ndi mwene so, Yosefu.»Oh, bene Data !

Bo bavuze bati : « Ubu rero ugiye guca utugira imbohe ! »

« Nimurindire gatoya, nimurindire gatoya ! Ivyo Imana yabikoze ifiseintumbero. Vyari bikwiriye ko munyanka kugira ngo abantu bakire ! » Imanaihabwe icubahiro ! Ni ivyo nyene ! Yaciye avuga ati : « Ntimubababare ngomwirakire. Ubu rero vyose biratunganye. Vyose birarangiye. Imana ni Yoyandungitse hano ngo ndabitangire imbere.»

Murazi ko Bibiliya ivuga ko igihe bazomubona aje, bazomubwira bati :« Turazi kouri umwe Mesiya ; none izo nguma wazikuye he ? »

Azobishura ati : «Nazikuye mu nzu y'abakunzi banje. »

107 Bagenzi? Niho rero bazoca babimenya, amasigarira ari bobamwe 144.000. Bibiliya ivuga ko umuryango wose uzoja ukwawo baheze bamare imisibaboroga, bicuza, baja hirya no hino, bavuga bati : «Vyagenze gute kugirango tubikore ? Vyagenze gute kugira ngo tubikore. Ngw'iki ? None rerotwababamvye Mesiya wacu bwite !» Bazomuborogera nk'uko umuryango uborogera umwana wawo w'ikinege. Bamurware akabonge nk'uwurwazwan'imfura yiwe.« Vyagenze gute kugira ngo tubikore ?»

Abayuda ni bwo bwoko busenga cane kurusha ubundi bwo mw'isi.Imana yarabatoranije, ariko yarabahumishije kugira ngo itwitorere, kandiivyo twaravyanse ! Mbega ishengero ryo mu banyamahanga rizocirirwaurubanza rumeze gute ? Ni uko. Murabibona ? Imana yarabahumye amason'ibigirankana kugira

ngo ishobore kutwitorera, twebwe Umugeni kugiradushirweko ikimenyetso, kugira ngo dukurweyo. Murabona, ivyo vyosevyari vyarabuwe mu bigereranyo.

108 Ubu rero murabona izo mpwemu z'abishwe izo ari zo ? Si izo aberabishwe bahorwa Kristo. Bo baba bigiriye. Ni ivy'ukuri. Raba vyukuri kobaba bigiriye, murabona. Abo bari barishwe baca bahabwa imvune ndende,umwe umwe wese. Kandi nifuza cane ko ibi mubimenya. Aha rero ubuntubw'Imana bururutse bubashikako. Yesu aca aha umwe umwe wese imvunendende yera, nk'uko Yosefu yabikoze agiriye ubuntu bene se.

Ubu rero ibi nimubirabe. N'aho bari barageragejeje kwikurako Yosefu,ukugira neza kwiwe kwarabashitseko. « Oh, nta co. Biratunganye.Ntimwabikoze n'ibigirankana. Ariko murabona, Imana ni Yo yabikoze.Imana yarabaretse ngo ivyo bintu mubikore kugira ngo mushoborekunyirukana mutume nza ino kandi ngo nshobore gutabara abantu, ayamahanga nakuyemwo umugore. Simba mfise umugore iyo nguma hariya.Ndakunda umugore wanje, ni we yamvyariye aba bana; kandi ubu rero njekubajana mwese. Ubu rero mugiye kugira ibihe vyiza, na mwebwe nyene.Ngiye kubamanukana ino maze duheze tubane turi umuryango umwe munini.» Yaciye avuga ati : « Hari ico nagomba kubaza : mbega data aracariho? »

109 Ni mwihweze ivyo yaciye akorera ka Benyamini, ari na we kigereranyoca bamwe 144.000 nk'uko tuja kubibona mu kanya. Murabona ivyo yaciyeakora? Yaciye yirukanga agana Benyamini, amugwa mw'izosi mazearamugumbira. Murumuna we yari yavukiye mu muryango amaze kugenda.Yari yavyawe na nyina wiwe, ishengero rya mbere ari ryo shengerory'abatavirira ivyagezwe. Bamwe 144.000 bavutse mu gihe atari ahari, mugihe yari yaragiye ngo aronke Umugeni wo mu banyamahanga. Oh, beneData! Mbega ivyo nta co bibabwiye? None murabona abo ari bo? Ni uko.

110 Raba ko, naho bari barageragejeje kwikurako Yosefu, ukugira nezakwiwe kwaciye kubagerako. Naho bari barageragejeje kwikurako Yesu,arongera kugaruka kubera yuko bari bahumishijwe maze agaha umwe umwewese imvune ndende yera. Uko biri kwose azobatahana i muhira. Kuri We ivyo nta co bitwaye kubera yuko yavuze ati : «Uko biri kwose nzobakizabose!»

Ubu rero reka turabe umurongo w'10. Raba ko bataka ngo bahorwe,murabona ko iyo aza kuba ari Umugeni, bari kuvuga nka Stefano, bati : «Data, ni ubaharire! » Murabona. Ariko abo ni Abayuda bahejeje kwinjira.Barasemerera basaba ngo bahorwe.204. Nimwongere murabe ibi. Yavuze ati : « Ni bene so, Abayuda. » Kandibano bashakaguhorwa.

Baravuze bati : « Oh, twifuza ko uza hano kw'isi kuduhora. »

Yarabishuye ati : « Haracasigaye igihe gito, haracasigaye igihe gito... »Ivyotubisome, umurongo w'10 « Batakambisha ijwi rirenga, bati Databuja weraw'ukuri, uzogeza ryari kudaca amateka no kudahora abari mw'isi amarasoyacu? Umuntu wese muri bo ahabga imvune yera, babarirwa kumara iyindimisi baruhuka (murabibona? Nimwumve!), gushitsa ah'igitigiri c'abaguranobagenzi babo (murabibona? Ni ibiki? Ni ba bavugishwa n'Imana bazobabariko babwira Ubutumwa Abisirayeli) na bene Se, bagira bicwe (murabona,ni abagenewe kwicwa) nka bo, kizoshikira.

111 Murabona, mu yindi mvugo, ivyo ni vyo bagenewe. Ni Ivyanditswebategerezwa gushitsa. Bategerezwa gusa kumara iyindi misi baruhuka. « Uburero murafise imvune zanyu zera kandi mugiye kwitahira i muhira. Nimubemuricaye aho iyindi misi mike. » Murabibona? Ni ukurindira iyindi misi.

Ubu rero ibi nimubirabe. « Bene So na bo nyene bategerezwa kwicwa», ni ukuvuga ko na bamwe 144.000 bategerezwa guhamagarwa murivya vyago bihambaye. Bamwe 144.000 barahamagarwa.

Ndifuza kuronka umwanya. Tuzoshobora kwiga ico cigwa ejo kumugoroba, Umwami niyavyemera, imbere yuko duca tuja ku kindiKimatanije ca Gitabo. Ubu rero nimwihweze ibi. Bategerzwa kwicwa naantikristo mu kugendera kw'ifarasi kwiwe kwa nyuma (nk'uko duhejejekubibona) igihe akuyeho amasezerano yagiranye n'abo Bayuda hariya mazeakabandanya urugendo rwiwe. Abo Bayuda, bamwe 144.000, bategerezwagusohoka bahamagawe na vya vyabona bibiri vyo mu Vyahishuriwe Yohana11.

112 Muribuka ko bazovugishwa. Ivyo mwarabisomye. Ni bangahebabisomye? Nta nkeka twese turazi ico Canditswe. Kandi ivyo vyabonabibiri bivugishwa mu gice ca kabiri ca ya mayinga mirongo irindwi yaDaniyeli. Aha ni ya myaka itatu n'igice ya nyuma.

Muribuka ingene twize ya mayinga mirongo irindwi ya Daniyeli?Naravuze ko tuzoyakenera igihe tuzoba tugeze kuri ibi. Sinari nzi igituma,ariko hari ikintu cambwira ko tuzoyakenera, kandi ubu murabona kotuhageze. Raba ko mu gihe ca Daniyeli... Nimwibuke ko ari Daniyeliyabwiwe ko Mesiya azoza (Umukama, ahubwo Mesiya) kandi koazovugishwa. Isirayeli yari igisigaranye ya mayinga mirongo irindwi, kandiiyinga rigira mirongo irindwi rigeze hagati na hagati, Mesiya azokwurwahomaze ikimazi gihora gitangwa uko bukeye gikurweho (none si vyo?), arikohari hagisigaye amayinga atatu n'igice yashinzwe. Muri ico gihe, aca atwaraUmugeni wo mu banyamahanga. Ubu rero aca aduga kandi akiduga,murabona ko ba bavugishwa n'Imana babiri baca bashika muri Isirayeli.

113 Kandi izo mpwemu z'abari barishwe gushitsa ico gihe, abo Bayuda baribarabayeho kugeza ico gihe, amazina yabo yari yaranditswe muri caGitabo.Bari barabayeho bagororotse, bari barakoze ibigororotse, bitondera ivy'idiniry'Abayuda akanyuguti ku kandi. Bishwe na Eichmann n'abandi benshi.Abantu b'imvugakuri, harabayeho amamiriyoni n'amamiriyoni y'aboAbadagi barashe, bakabagandagura, bakabica, bakabamanika, bakabaturira,babahonereza mu matanure yo guturira abantu bongera babakorera ibindibintu vy'ubwoko bwose. Abo bagabo b'ibinywamaraso, Hitler, Staline,Mussolini n'abo bantu banka Abayuda!

114 Ndibaza ko kimwe mu bintu bituma iki gihugu kidasambuka, ari ukocamye cubaha Abayuda, ni uko babahaye ikibanza. Nimwubaha Umuyuda,Imana izobubahisha. Hariho akagwi k'Abayuda ata kindi bari atari abahemu,neza na neza co kimwe no mu banyamahanga. Ni co kimwe. Ariko kuvyerekeye Umuyuda nyakuri, Imana yanditse izina ryiwe muri ca Gitabo isiitararemwa, kandi muri ico gihe barishwe!

Ubu nimwibaze ukuntu ibi bitunganye. Bagiheza kwica amamiriyonin'amamiriyoni y'Abayuda, y'abantu b'inzirakarengane bishwe n'ibihugu vyokw'isi, Ivyanditswe bica bivuga hano ko ico gihe, umwe umwe wese ari musiy'igicaniro, biyumvira ku vyabaye. Kandi baca bahabwa imvune zera.

115 Kandi bavuga bati : « Mbega ntitwoshobora kwitahira ubu nyene muBwami? » Murazi ko ubwami bw'Abayuda butegerezwa gushingwa kw'isi.Yohana yavuze ko ubwami...ni ubwami bw'Ubutumwa bwiza, murabona,ariko Ubwami bw'Abayuda buzovugwa na ba bavugishwa babiri. Ubu rero nimurabe hano ubwami bwo kw'isi. Ubwami bwo mw'Ijuru bubwirwaabanyamahanga. Ubwami bwa hano kw'isi buzoshirwaho n'Abayudamuri kwa kuganza kwa ya myaka igihumbi. Ubu rero ivyo nimubirabe.Aha n'imbere y'uko bamwe babiri bashingira intahe Imana batanguragukora, abo Bayuda bishwe na Eichmann n'abandi, umwe umwe wese mubatoranijwe, kubw'ubuntu yahawe imvune yera ndende. Amen. Umwe umwewese muri bo yahawe imvune yera ndende. Ubu murabona ivyaciye biba?

116 Ndavye irya saha, ndabona ko umwanya wihuta. Ndabona abo bantubose bahagaze harya. Bene Data, Imana ni ize ibafashe. Ndizigira kon'umwe umwe wese muri mwebwe uyo musi azohabwa imvune yera.Murahagaze, hamwe mugahagararira ku kuguru kumwe, ahandimugahagararira ku kundi kubera ko amaguru abarya, kandi bamwe bamwemuri mwebwe bakora umusi wose. Ndazi ivyo ari vyo. Ndabona kandiabatamakazi bamwe bamwe bahagaze. Abagabo bamwe bamwe bahayeintebe zabo abagore n'uwundi muntu ahebeye ikibanza co kwicara umugoreumwe n'umwana wiwe. Ivyo vyose ndabibona kandi sinkekeranya ko na Yonyene ibibona. Ni co gituma ntagomba kubagumya umwanya muremurecane. Noshobora gusa kubageza aho mubona ubutumwa, ni co conyene gusanifuza.

117 Ubu rero nimurabe abo Bayuda. Ibi ntegerezwa kubikora kugira ngondabereke uguhishurwa kwa kino Kimatanije ca Gitabo kugira ngo muboneizo mpwemu z'abishwe bari musi y'igicaniro n'abo ari bo. Ariko nimwibuke ko Mesiya yakuweho hagati na hagati y'igice kigirakabiri ca rya yinga rya Daniyeli. Ni hagati na hagati. None ica kabiri c'indwini igiki? Itatu n'igice. Kristo yavuze ubutumwa igihe kingana gute?[Ikoraniro ryishuye riti : « Imyaka itatu n'igice » -U] Ni vyo. Ariko ihanga ryaIsirayeli ryashingiwe imyaka ingahe? Hongeye kuvugwa imyaka itatun'igice.

118 Ariko muri ico gihe, nimurabe igica gishikira Umugeni wo mubanyamahanga yari yacaguwe muri vya bihe ndwi vy'Ishengeroakanazamurwa. Igihe ivyo vyose bishitse uko, abo Bayuda bose bishwe kukobari barahumishijwe maze ubu bakaba bari musi y'igicaniro, Imanairabazako maze ikababwira iti : « Murabona ivyabaye? Ubu ngira mperezeumwe umwe wese imvune yera ndende. »220. Bavuga bati : « Mwami, hasigaye igihe kingana gute? Ubu twoba tugiratwinjire?» Yarabishuye ati : « Oya, oya, oya, oya. » Abagurano bagenzi banyub'Abayudabategerezwa kwongera kubabazwa igihe gito. Bategerezwa na bo kwicwa,nk'uko mwishwe. Ca gikoko gitegerezwa kuzobafata igihe kizoba gikuyehorya sezerano. »

119 Nimurabe ibi, nimwibuke rero ko ba bavugishwa bategerezwakuzovugishwa nk'uko vyanditswe mu Vyahishuriwe Yohana 11 (mwadugijeikiganza kugira ngo mwerekane ko mwari mwarabisomye), kandi bazohabwaubushobozi (kandi Imana ni yavyemera, turaja kubona mu kanya kari imbereabo ari bo). Ubu rero nimurabe abo bavugishwa n'Imana. Ni Bibiliyaubwayo ibitubwira. Nta nkeka. Nta nkeka, murabona. Nimubone ko hagati nahagati y'ayo mayinga atatu n'igice ayo, bamaze bavugishwa... kandiIvyahishuriwe Yohana bivuga ko bazovugishwa imisi igihumbi n'amajanaabiri na mirongo itandatu.

Kandi ikirangamisi c'Abayuda ari co kirangamisi nyaco c'Imana,kigizwe neza na neza n'amezi agizwe n'imisi mirongo itatu, kumwe kwose.Ca kirangamisi c'Abaroma ni co cavangavanze ibintu. Ikirangamisi nyacogifise imisi mirongo itatu.

120 Ubu rero nimwafata imyaka itatu n'igice igizwe n'amezi y'imisimirongo itatu, muzotora imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu;imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu itanga neza na nezaimyaka itatu n'igice. Murabona rero ko ata kwihenda kurimwo. Ni uko biri.Ivyo birahuje nk'uko ibintu bibiri vyinjiranamwo. Raba ko abo bavugishwan'Imana babiri babwira Ubutumwa Abayuda imyaka itatu n'igice. Muri icogihe ni ho bamwe 144.000 bahamagarwa.

121 Raba ko abo bavugishwa n'Imana babiri ari neza na neza Mose naEliya. Ubu rero nimwitegereze,

ibango ry'igikorwa cabo. Nimwihweze ivyoabo bavugishwa n'Imana bakora. Bafise ubushobozi bwo kubabarisha isiicago cose, igihe cose babigombeye. Ni nde yakoze ivyo? Mose. Bafiseubushobozi bwo gukinga ijuru, ngo imvura ntikoroke mu misi y'igikorwacabo. Ni nde yakinze ijuru mu myaka itatu n'igice? [Ikoraniro ryishuye riti :Eliya -U]. Turahashitse. Ni bo.

122 Umuntu iyo apfuye, uko yari ari ntiguhinduka. Ico yagizwentigihinduka. Igihe Sauli yasubira inyuma mu gihe ata bavugishwa n'Imanabariho mu gihugu ntiyari gushobora gutahura ico ategerezwa gukora. Yariageze habi kandi yategerezwa kuja ku rugamba. Ni ho rero yaca ajakurondera umupfumukazi w'i Endori. Ivyo yarashobora gusa kubikoraakoresheje amaraso y'amapfizi y'inka n'amapfizi y'impene. Maze uwo mupfumukazi aca ahamagara ya mpwemu ya Samweli; kandi igihe Samweliyazuka, yaje yambaye ikanzu yiwe yambara ari umuvugishwa. Si ivyo gusa,ariko yari akiri uwuvugishwa n'Imana. Yaciye avuga ati : « Ni iki gitumyeuza kunkoma, ukanzura kandi wacitse umwansi w'Imana? Ejo ku mugorobank'ino saha nyene, ejo ku mugoroba, tuzoba turi kumwe. » Kandi koko nivyo vyashitse.

123 Yari akiri uwuvugishwa n'Imana. Kandi n'abo bantu baguma ariabavugishwa n'Imana. Ivyo bintu turaja kuvyinjiramwo cane mu kanya gato.

Oh, ese ukuntu nkunda iri Jambo. Ntibitangaje ko « umuntu adatungwan'umutsima gusa, ariko atungwa n'Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana. »Dufatiye ku bikorwa bongera gukora, abo bavugishwa babiri ni Mose naEliya. Ivyo ni vyo bamye bakora.

Turavye ivyo bari barakoze ntibahinduye. Nimwibuke ko abo bagabobatigeze bapfa. Ibi nimuvyihweze. Ntimubivange. Imbere y'uko ivyotubirengana, ntimwitiranye ibango ry'igikorwa rigira gatanu rya Eliyan'ibango ryiwe ry'igikorwa rigira kane. Narabibabwiye ko Ishengero ryo mubanyamahanga ryiteze ukuza kwa Eliya. Ni ivy'ukuri. Kandi hano ari kumwen'Abayuda. Nimwibuke ko adashobora kuza incuro zine. Ni igitigiri ca wamwansi. Zitegerezwa kuba ari incuro zitanu.

124 Igihe yaza ubwa mbere yari Eliya ubwiwe. Aje ubwa kabiri, yariElisa. Igihe yongera kuza, yari nde ? Yari Yohana Umubatizi. Igiheyongera kuza, ni ku mumarayika agira indwi. Kandi igihe aza ubugiragatanu aba ari hariya ari kumwe na Mose. Ego, nta nkeka.Ntimumwihendeko.231. Gatanu. Namba muzi ibitigiri vyo muri Bibiliya, gatanu ni igitigiric'ubuntu bufise ikimazi kandi ni ico Imana yakoze. Ubu ibi namba mutaziivyo ari vyo nimuvyihweze. Mbega Yesu ntiyari igikorwa c'ubuntu ?Mubone : Y-E-S-U mu congereza [«J-E-S-U-S-» U.], gatanu. Igikorwa [ mucongereza « labor »-U.] L-A-B-O-R, gatanu, igikorwa c'urukundokubwanyu. Kandi ni mwashika kuri We, muzohashika gute? Mukoreshejeuburyo ubuhe? Mukoresheje ukwizera [F-A-I-T-H] kwagaragajwen'ibikorwa [ L-A-B-O-R]. None si vyo? Igikorwa [ labor ] ni igitigiric'ubuntu.232. Nimubone ko Eliya wa mbere, yari we ubwiwe. Uwa kabiri yabayeElisa. Uwa gatatu yabaye Yohana. Uwa kane yabaye wa mumarayikaw'indwi canke intumwa ya nyuma kw'Ishengero, bihuje na Malaki 4 bo n'Ivyahishuriwe Yohana 10 : 7. Rero ubugira gatanu ni intumwa ku Bayuda, kuri bamwe 144.000, ku Bayuda Ishengero rimaze kwitahira.

125 Ndiyumvamwo ikintu kidasanzwe. Ubu ndagomba ko ivyo bintumubitahura neza. Namba hari abacibaza ko umwe avugishwa n'Imana womuri Malaki 4, ategerezwa kugarukana abantu, ari wa wundi nyeneategerezwa kuza ku Bayuda, namba bibaza ko ari umuntu umwe, murekenerekane neza ibintu mu mwanya mutoya. Bimeze nk'ibiteye amadidanekuko mwibuke ko muri Malaki 4 havuga ngo : « ...azogarukana ukwizerakw'abana ku kwa ba se.» Murabibona? « Ku kwa ba se.»

126 Ubu rero mureke ndabereke ubudasa bw'ivyo bikorwa. Hamwe yozaaje kugarukana abana ku kwizera kwa ba se, yokwanka Kristo.Yogaruka ku Vyagezwe. None si vyo? Ba se bitondera Ivyagezwe. Ivyomurabitahura?

Raba ko igihe Eliya aje gushitsa ibango ry'igikorwa ryiwe muri Malaki4, aba ari we wenyene. Ariko igihe aje gushitsa ibango ry'igikorwa ryiwe muBayuda mu Vyahishuriwe Yohana 11, aba ari kumwe na Mose. Rero ntamadidane na makeya ariho. Ivyo mwabitahuye? Igihe Eliya aje muri Malaki4, aba ari wenyene. Hanyuma Mose azoza ari kumwe na Eliya.

127 Uko guhumekerwa nyene kuvuga ko Eliya azoza mu gice ca nyumac'igihe c'Ishengero kugira ngo agarukane ukwizera kw'abana kw'ukwizerakw'inkomoko kwa ba se (ukwizera kw'intumwa). Bari gutegerezwakugaruka, ariko antikristo yabakwegeye hanze bose. Murabona, nk'ukoIvyanditswe vyose bivyerekana, umwe avugishwa n'Imana yari yajekubagarukana. Ntimubona ko aza ari wenyene? Ariko igihe azoza kuribamwe 144.000, Bibiliya ibivuga ibitomoye ko atazoba ari umwe, ariko kobazoba ari babiri.

128 Kandi iryo bango ry'igikorwa ntiryari gushobora kugarukana Abayudaku Vyagezwe kuko aje kubwira bamwe 144.000 ivya Kristo, ari We Mesiyayari yakuweho. Amen! Ni nk'uko. Ni co gituma mutovyitiranya.Birasobanutse. Ivyanditswe ntibibesha, haba na gatoya. Imana ihabweicubahiro! Oh, ese igihe nabona uwo Muco!

Igihe nariko nditegereza ivyo vyose biriko biraca imbere yanje, igihenabona Eliya asohoka wenyene mu gihe ca mbere naravuze nti : «UrakozeMawami », yari wenyene, hanyuma; ariko igihe nongera

kumubona ariahandi, ntiyari akiri wenyene, hari hariho abantu babiri. Ni ho nasemerera nti: « Ng'abo! Ni ivyo, Mwami! Amen! Ubu rero ndabibonye. » Ivyo birashobora kudatomokera gato bamwe bamwe, ariko yambwiyekubivugako; ni co gituma nabikoze.

Nimurabe ko abo bagabo bazigamwa n'Imana kuva ku gikorwabahereyeko kubwo ico bazokora mu nyuma. Murabona ko bari baranguyeigikorwa ciza cane! Nimuvyibazeko, impwemu ya Eliya ishitsa ibangory'igikorwa cayo incuro zitanu, impwemu ya Mose na yo igaruka incurozibiri. Nimubone ko bazigamwa ku bwo igikorwa kiri imbere. Ubu ntan'umwe muri bo yapfuye. Ivyo muravyizera? Bompi barabonetse ari bazima,bavugana na Yesu ku musozi wo Guhindurirwako. Ariko mwibuke kobategerezwa gupfa.

129 Kandi vyukuri Mose yarapfuye, ariko murabona ko yaciye asubira kubamuzima kuko ari ikigereranyo gitunganye ca Kristo. Nta n'umwe yigezeamenya aho yahambwe. Abamarayika baciye baza kumujana. Abikoreyeisandugu babaye abamarayika. Nta muntu n'umwe afise umubiri upfa yarigushobora kumujana iyo yategerezwa kuja. Yari yarangije igikorwa ciwe,ntacari kigisigaye. Abamarayika baciye bajana umuvyimba wiwe ahowategerezwa kuja kandi nta n'umwe ahazi. Na Satani nta ho yari azi mazeaca aharira n'umumarayika mukuru bapfa umuvyimba wa Mose.Sinashoboye gutahura ivyashikiye Mose. Namubonye ari hariya hejuruajugumira, yitegereza ca gihugu cose maze yitegereza inyuma atumbereyeAbisirayeli, n'ibindi. Naramubonye ajugumira, hanyuma yurira ku gitandara,kandi ni ryo rya nyuma namubonye.»

Ni Igitandara! Ni Igitandara! Ese icompa nkazohagarara kuri icoGitandara kw'iherezo ry'urugendo rwanje. Nta nkeka! Mwene Dataw'umwirabure yari amenyereye kuza hano kuririmba akaririmbo, ngo : Iyo mba nabishobora, Nta nkeka nohagaze kuri ca Gitandara Kimwe Mose yari ahagazeko.

Nta nkeka! Na jewe nyene ngomba guhagarara kuri ico Gitandaranyene. Ndagihagazeko mu kwizera.

130 Ariko mwibuke ko Eliya yari arushe kuko yari agifise vyinshi vyogukora. Yasa n'uwashaje. Imana ni kwo guca imurungikira umukogotewamujanye mu nzu yayo. None si vyo? Yaramuzamuye. Eliya ntiyapfuyekuko Imana yamugumije ari muzima. Yari ifise igikorwa yamubikiye. N'ahoyorobanuza amavuta umuntu akinjira mu mpwemu yiwe, uwo ategerezwaguhonja ku rupfu. Biri mu Vyahishuriwe Yohana ku gice ca 11. Uko birikwose ndi kuri iyo mirongo. Nimwihweze kandi murabe ko bompi batishwe.Nta nkeka! Bompi uko ari babiri bategerezwa guhonja ku rupfu. Ni ivy'ukuri! Ibango ry'igikorwa ryabo rimaze kurangira, baca bahonja kurupfu. Ivyahishuriwe Yohana 11. Dutangurire ku murongo w'7.« Kandi ni baheza gushinga intahe, igikoko kizoduga kivuye i kuzimu,kizobarwanya...» (Oh, bakundwa, ivyo ntigishobora kuvyihanganira. Bamwebakavya baba bagarutse. Hanyuma kigaca kiva mu kuzimu kikabarwanya),kibaneshe, kibice (ariko nimwihweze igica kiba. Berekanwa neza mubigereranyo), imivyimba yabo izogangarara mw'ibarabara ryo mu gisagarakinini, ni co mu buryo bg'impwemu citwa Sodomu na Egiputa, kandi ni hoUmwami wabo yabambge (Yerusalemu). »

131 None ibango ry'igikorwa ryabo rimaze kurangira ntibategerezwa kuzocamu rupfu? Kubera iki? Ibango ry'igikorwa ry'umumarayika w'indwi, ibangory'igikorwa rya Eliya nk'umumarayika w'indwi, kubera iki ritari gushoboragushitswa na Mose nk'uko Eliya yari gushobora kubikora, namba ari umuntuadapfa? Kubera iki Imana itavuze iti : « Eliya waratamye cane n'ibindivyose, n'aho hantu hose hatandukanye ku buryo nibaza ko ngira gusa ntumeMose »?

Ni murabe ibango ry'igikorwa rya Mose. Eliya yari uwuvugishwan'Imana ku mahanga yose, Mose we, yazanye Ivyagezwe ku Bayudagusa. Ni co gituma Mose aza azananye na Eliya...

132 Abo Bayuda bavuga bati : « Nimurindire! Hano twama twitonderaIvyagezwe. Ariko raba ko haje Mose ubwiwe, na Eliya ari kumwe na we.Murabibona. Mose aza kubwo Abayuda gusa. Murabona ko Mose aza kuBayuda gusa. Eliya yabaye uwuvugishwa n'Imana ku mahanga yose, mugihe Mose we, yabaye uwuvugishwa n'Imana azana ivyagezwe ku Bayudagusa. Ivyagezwe ni vyo vyari ubutumwa bwiwe.

Ariko none ubutumwa bwa Eliya bwabaye ubuhe? Yavuga abwiraabagore bimosha imishatsi, amadini. Ego me abo bagore bisiga amarangiyarabakarira cane. Yarababwiye ko bazogaburirwa imbwa. Vy'ukuriyarabakariye.

Kandi igihe impwemu yiwe yaza kuri Yohana, uyu yaciye ava mubugaragwa ubwo nyene maze aca akora vya bindi nyene. Ni ivy'ukuri.Yavuze ati : « Ntimwibaze ko muri abo muri uyu murwi canke uriya. Ayomabuye, Imana ishobora kuyakuramwo abana ba Aburahamu. » Hanyumaaca yibandaniriza urugendo rwiwe avuga ati : « Kandi uje kumbwira kowabiranye na muramu wawe? Ivyagezwe birakubuza kubikora.» Oh, beneData, yababwira ibintu ata guca ku ruhande!

133 Nimurabe ko izo mpwemu z'abishwe zitegerezwa kwongera kurindiraigihe gito ngo bamwe 144.000 bicwe. Mbega ivyo ntivyerekana ko Bibiliyayikwije?

Nagomba kubarekura hakiri kare ariko ndabona ko umwanyaumperanye, kandi ngifise utuntu tumwe tumwe two kubabwira nambamwovyihanganira. Ndazi ko hashushe cane kandi ndiko ndabira icuya,

arikonimwumve ibi. Ndafise akantu gatoya ko kubabwira. Ni vyiza cane ku buryobiriko birarurumba mu mutima wanje. Murabona, ndibaza ko mutavyibagiye.

Ndi mu nyonga zayo, nimureke ndababwire ibi bintu : Kubwo Ubuntubwayo, nta gihe kirekire kihaciye yarananyeretse abanje bambaye imvunezera. Mbega muravyibuka? Muribuka inkuru (nta gihe kirekire kihaciye)y'Umugeni wo mu banyamahanga. Ubu bari iyo hejuru, bose bambayeimvune ndende zera.

134 Nari namye mu gikorane. Haciye nk'umwaka ivyo bibaye. Muri icogitondo narikanguye maze nikanguye, nca mpamagara umugore wanje, nti : «Mukunzi wanje! » Ntiyikakaza na gato. Nategerezwa kuvyuka maze nkajanaabana kuri rya shure rya kera riri hafi ya hano. Nari nicaye ku buriri. Murazibwa buriri bakora kera. Ku musego haba hari urubaho runini kandi bashoborakugwishimikiza. Uku ni ko nari negamiye.

Nca ndibaza nti : « Mutama wanje, uramaze kugira imyaka mirongoitanu n'itatu. Namba hariho ico ugomba gukorera Imana, vyokubera vyizautanguye kugikora kubera yuko mu gihe gito uzoba ushaje cane.»

Naribajije nti : « Ni ivy'ukuri. Mutama wanje, urazi ko utaranaja kurecane kandi ugiye kwitahira vuba. Umaze kurenzako umwaka umwe kumyaka so yabayeho. Vuba utegerezwa kwitahira. » Naciye nibaza nti :«Kandi ata na kimwe ndakorera Imana; noshimye kwama ngira icondamukorera. Birakwiye vyukuri ko nihutira kugikora, ariko namba ngombakugikora sinzi ukuntu nogikora, vyose biri aho. »

135 Narongeye niyumvira nti : « Ndizigira ko nzobaho nkanabona Ukuzakwiwe. Sinipfuza kuzoba igihume canke umuzimu. » Namye ntinya imizimu.Ni nk'aho noba ntegerezwa guhura na mwene Data Neville maze nkamubonaasa n'agacu kera, kigurukira hariya, kandi vyoba bikwiye ko mvuga nti : «Mwene Data Neville, mwaramutse!»

Yoca anyishura ati : « Mwene Data Branham, mwaramutse! » Ivyoakaba avyerekanye ukundi, kubera yuko nk'umuntu ni co conyene nzi gukora. Murabona, noshimye kumuramutsa, ariko ntiyoba afise ikiganza.Kwobaye kwaraboreye hariya mu mva. Murabibona?

Nariyumviriye nti : « Oh, ndizigira ko ntazirirwa ndacayo! »Mvugishije ukuri, naratinya gupfa, atari ubwoba bwo kuzimira, arikosinagomba kuba umuzimu. Nagomba kuguma ndi umuntu. Murabona konagomba kwama niteze izamurwa. Nagomba kwigumira nk'uko gusa.Sinagomba gucika umuzimu.

136 Nkiryamye ndavyiyumvirako, ubwo nyene hari ikintu caciye kiba.Mwese murazi mukanamenya ivy'ukwerekwa. Kandi namba kwariukwerekwa, sinigeze nerekwa mu buryo nk'ubwo ariko kandi ndamazekwerekwa kuva nkiri umuhungu mutoya. Ubwo nyene hari ikintu caciye kibamaze nca numva ndajanywe. Naribwiye nti : « Oh! Oh! Rero namaze gupfakandi ndajanywe. » Murabitahura? Ngeze ahantu hamwe ni ho nibaza nti : «Ndibaza ko noraba inyuma. »

Bagenzi nkunda, vyari ivyo ukuri nk'uko ndi hano. Naciye mpindukirango ndabe inyuma nari nkirambaraye ngaho ku buriri. Nari ndambarayehondyamye i ruhande y'umugore wanje.

Naribajije nti : « Rero, kumbure indwara y'umutima yamvyutse. »Murabibona? Naribajije nti : « Rero, ndapfuye bukwi na bukwi », ari na bwoburyo bwiza bwo kwitahira. Naciye rero niyumvira nti : «Yari indwaray'umutima imvyutse, siniriwe ndababara. » Naciye ndaba nca niyumvira nti :« Rero, biratangaje, ndyamye hariya, kandi ehe mpagaze hano. »

137 Ni ho nahindukira, nca mbona umurima munini urimwo ivyatsi. Ncamvuga nti : «None, vyoba ari ibiki? » Ubwo nyene, ibihumbi n'ibihumbibakiri bato biruka ata birato bambaye, bose bambaye imvune zera ndende,imishatsi yabo miremire irekera gushika ku gikenyerero, kandi bose birukabantumbereye.

Naribajije nti : « Ni ibiki? » Nca ndahindukira nitegereza inyuma mazenibona aho. Hanyuma naciye ndaba ntumbereye hejuru muri urwo ruhande,maze mbona baguma baza. Naciye nihekenya ku rutoke, ndavuga nti : «Sinovuga ko nsinziriye », kuko unkozeko nari kuvyumva. Naciye mvuga nti :« Aho rero, hariho hano ikintu gitangaje. » Kandi abo bagore bose bazabariruka ! Sinari bwigere mbona abagore beza nk'abo kandi bose baza nezana neza bantumbereye. Kandi mu gihe biruka bantumbereye… muraziukuntu nari meze ? Bavuga ko nanka abagore, ariko si vyo, murabona.Ndibaza ko umugore mwiza ari igisharizo co ku gitsibo. Ariko kandi ndibazako uwutameze neza nk'uko Salomo abivuga, amera : « nk'amazi mu maraso yawe », kandi nta gukekeranya ko ntakeneye abagore bavugwa nabi cankeabagore bigenga.

138 Muri ukwo kwerekwa abo bagore bose baciye banyegera batangurakungumbira. Ni ikintu kitamenyerewe ! Murazi ko ntokwihanganiye ivyo.Ivyo hari ukuntu ntegerezwa kubivuga kubera yuko ndi mw'ikoraniroririmwo abagabo n'abagore. Bari abagore. Bari abagore kandi umwe umwewese muri bo yarangumbira avuga ati : « Mwene Data mukundwa ! » Umweyaraza kungumbira, n'uwundi akaza akangumbira. Nari mpagaze ahondabiraba, maze ndiyumvira nti : « Ubu rero ivyo ni ibiki ? » Nari mpagazeaho gusa. Murabibona ? Nkibaza nti : « Ni ibiki vyabaye ? » Naciyenitegereza kw'isi. Nari nkirambaraye aho kandi nari ndanahagaze hano.Nariyumviriye nti : « Biratangaje, sindabitahura. » Kandi

dukoranyekonarumva muri vyose ko bari abagore vyukuri.

139 Ubu rero, bashiki banje bakundwa, mumbabarire ku co ngira mvuge.Muhora mwumva ivyo muganga wanyu avuga. Kandi hamwe ivyiyumvirovyanyu bitoba bitunganye, twoba tutari abakristo. Imana irabizi ko ubuzimabwanje bwamye butunganye. Igihe nari nkiri umuhungu mutoya,Umumarayika w'Umwami yantegetse kudahumanya umubiri wanje,kutanywa itabi canke ngo nywe inzoga ; ni ukuri. Kubwo ubuntu bw'Imanaivyo naravyitondeye. Igihe nari nkiri umunyavyaha siniruka inyumay'abagore. Ariko iyo umugabo agumbiriye umugore, kuko umugabo agizwen'uduhimba tw'ikigabo kandi umugore akaba agizwe n'uduhimba tw'ikigore,hama hariho ukuntu umuntu yiyumva. Uwo woba uri wese, ntimumbwire komutameze uko, iyo mubaye mufise amagara meza. Ariko hariya ntavy'ibihimba bitandukanye biriyo. Hariya ntimuzokwigera mucumura ukundi.Hariho igihinduka. Abo bagore nta kindi biyumvira atari urukundo rwa bene Data.

140 Umurabishije amaso yuzuye ubuntu, ndiyumvira ko umugore, umugoremwiza yigenza nk'uko bibereye kandi akifata nk'umupfasoni aba ariicitegererezo c'igisharizo c'igitsibo kw'isi. Ibirimwo ubuntu vyosendabikunda. Ndiyumvira ko namba bitari uko, ni nk'uko biri kuri Kristo naantikristo, ni co kimwe. Ikintu cose c'umwimerere ndagikunda...

141 Ni co kimwe n'ifarasi nziza. Yerekana vyukuri ifarasi nziza ico ari co.Canke ikintu nk'ico, umusozi mwiza, umugore mwiza, umugabo mwiza,canke ibihwanye n'uko Imana ikora. Ivyo namye ndabitangarira, ni ibintubitunganye. Ariko abo bagore n'aho bangumbira (kandi muratahura neza kobari abagore koko), nta caha na kimwe cari gushobora kubayo. Ibitsina gabon'ibitsina gore ntivyari bikiriho. Imana ishimwe ! Abo bagore bari bashikanjekoko. Naritegereje ibiganza vyanje. Naciye mbona ko vyari ivyo umuntu akirimuto cane. Nariravye, na jewe nyene nari nkiri muto. Nabuze imishatsi yanjeigihe nari nkiri umusore kubera yuko kimyozi yansutse ku mutwe umuti bita« phénol. » Murazi ko ivyo vyamye bingora kubera yuko ahari kujaumushatsi haroroshe cane, kandi kenshi ndasarara. Imizi y'imishatsi yanjeyagumyeho ariko yaraturiwe na phénol none imishatsi ntigishobora kumera.Ivyo bimaze igihe kirekire, narasavye umugore wanje ko yondonsa mweneka gakofero kajishe bwa mishatsi ngo ndakambare mu mutwe, ariko vyamyebingora kukambara kubera yuko kari gafise ikintu kiboneka ko kitari cokandi ata na kimwe kitari co ngomba. Ni ho nibwira nti : « Rero, ngira mpfekwambara agakofero kameze nka kamwe k'abasenyeri. » Ivyo narabikozemu gihe kitari gito, ariko murazi ivyaciye bishika ? Abantu baciye batangurakunyita « Musenyeri », bavuga ko nagomba… ni ho naca mpagarikakuyambara maze nca nemera gupfuma mfatwa n'ibicurane n'inkororabikomeye.

Ariko murashobora gusa kwugurura amadirisha kugira ngo murekehinjire akayaga gakeya. Namaze gufatwa n'ibicurane !

142 Naragiye ku muganga kugira numve ico abivugako. Yambwiye ati : «Uhejeje kuvuga ubutumwa udutoboro umubiri uhemeramwo tuba twuguruyemaze ugaca ubira indugumba. Ni ho rero uca winjirwamwo n'umuyaga ucaukwanduza mikorobe y'ibicurane ; iyo ica ija mu muhogo wawe hanyumabukeye ukaba wasaraye. Ni uko ! »

Mweho mugifise imishatsi yose, ntimuzi ukuntu mwategerezwa kubaabashima ! Ni ivy'ukuri. Nasanze ko mu misi iza ngiye no guhera amenyokandi bizonsaba ko nambara ya menyo y'amakorano, canke naho amenyondayihoze.

Ndiyumvira ko iyo umugabo ashatse kwambara bene ya nkofero ijishebwa mishatsi, ari co kimwe n'iyo umugore yambaye mwene ya mishatsiy'imiterano canke ivyo ari vyo vyose yoshira mu mishatsi yiwe kugira ngoayitunganye. Murabibona ? Ariko birumvikana ko iyo ivyo mubikoze, vyosebivana n'igituma mubikoze.

143 Ariko mpagaze hariya, narumvise ko ya mishatsi yanje yari yongeyekumera. Oh, bene Data, nari nasubiye mu buto ? Kandi abo bagore bose baribasubiye mu buto... Naciye nibaza nti : « E, mbega ko bitangaje ? Ng'abo…»Nababona bose baza bariruka. Ndiko ndabitegereza, naciye mbona Hopeanyegera. Murazi ko yapfuye afise imyaka mirongo ibiri n'ibiri. Kandi yariakiri mwiza. Benshi muri twebwe baribuka ya maso yiwe manini manini ashaka kwirabura na ya mishatsi yiwe miremire yirabura yamugera kumugongo. Yari umudagikazi. Nariyumviriye nti : « Niyaza antumbereye, aja kumpamagara ati, Bill!Ndazi ko aja kubikora. Ndazi ko aja kuvuga ati, Bill!, niyaza hano. » Narikonditegereza. Umwe umwe wese muri abo bagore yaraza kungumbira, avugaati : « Mwene Data mukundwa, turanezerejwe cane no kukubona! »

144 Nabona umengo bose bari bambaye co kimwe ariko imishatsi yariitandukanye, murabona; hariho abaza bafise imishatsi isa n'inginagina,abafise iyisa n'umuhondo, abafise imishatsi ishaka gusa n'ivu, ariko bosebari mu buto. Maze igihe Hope yegereza nariyumviriye nti : « Reka turabeico aja kuvuga »; yaranyitegereje maze avuga ati : «Oh! Mwene Datamukundwa!» Aca arangumbira hanyuma arigira. Hanyuma abandi bagorebaca baraza kungumbira.

Hanyuma naciye numva urwamo nca ndaba muri urwo ruhande mbonaumugwi w'abasore wegereje; bose bari bafise nk'imyaka mirongo ibiri.Bamwe bari bafise imishatsi yirabura, abandi bafise imishatsi

isan'umuhondo; bose nta birato bari bambaye kandi bari bambaye imvunendende zera. Bose baza bariruka bagaca batangura kungumbira, basemererabati : « Mwene Data mukundwa! »

Mpindukiye nibona nkirambaraye ha handi. Naciye nibaza nti : « Kokobiratangaje!» Muri ako kanya nyene ijwi rica ritangura kuvugana nanje,ariko sinigeze mbona iryo jwi. Rica rimbwira riti : « Wazanywe mu bawe. »Hanyuma umuntu umwe aramfata aca anshira ku kintu kinini kandigitaramutse nk'uku

Naciye ndamubaza nti : « Kubera iki ivyo wabikoze?»

Yarambwiye ati : « Kw'isi wari umurongozi. »

145 Nca ndavuga nti : « E, ivyo sindabitahura. » Kandi iryo jwi ryagumarivugana nanje(sinigeze nshobora kubona iryo jwi. Ryari hejuru yanje gusa, rivugananange). Naciye mvuga nti : « Rero, namba napfuye, nifuza kubona Yesu. NiWe yabaye ubuzima bwanje bwose..., koko nashaka kumubona! »

Hanyuma yarambwiye ati : « Ubu ntushobora kumubona. Ari hejurucane y'aha. »Murabona, ivyo vyari bikiriko birabera munsi y'igicaniro, ahantu hagiragatandatu umuntu aja, murabona, ariko atari ahagira indwi ari na ho Imana iba. Imbere yo gushikira ahagira indwi utegerezwa guca ahagira gatandatu.Bose bari aho bagaheza bagaca imbere yanje. Kandi nabona umengo hariamamiliyoni y'abo. Igihe nari aho, abo bagabo n'abo bagore baguma bazaaho ndi, bangumbira bongera banyita « mwene Data. »

146 Nari nicaye aho, igihe ijwi ryambira riti : « Wazanywe mu bawe nk'ukoYakobo yazanywe mu bo mu bwoko bwiwe. »

Naravuze nti : « Abo bose ni abanje? Bose ni aba Branham ?»

Rya jwi rica riranyishura riti : « Oya, bose ni abo wazanye kuri Kristo.»

Nitegereje aho nari ndi naciye mbona umugore vyukuri mwizayegereza. Yasa na bamwe bandi bose. Aca arangumbira, avuga ati : « Oh,mwene Data mukundwa ! » Hanyuma aca arandaba.

Ni ho niyumvira nti : « Asa n'umumarayika.» Yaciye yigira maze ryajwi rimbwira riti : « Mbega ntiwamumenye ? » Naciye nishura nti : « Oyasinamumenye. »

Ryarambwiye riti : « Wamuzanye kuri Kristo amaze kurenza imyakamirongo icenda. Mbega urazi igituma akwubaha cane ? »

Naravuze nti : «Uwo mukobwa mwiza gurtya yari afise imyakamirongo icenda ? »

Iryo jwi ryaciye rinyishura riti : « Ubu ntagishobora kwongeraguhinduka ukundi. Ni co gitumye avuga ati : Mwene Data mukundwa ! »

Nariyumviriye nti : « Oh, nkaba nahora ndabitinya ! Ariko abo bosembona ari abantu koko. » Nta na hamwe baja; ntibari baruhijwe no kuba bariaho. Naciye mvuganti : « None ni kubera iki ntashobora kubona Yesu ? »

Rya jwi ryanyishuye riti : « Erega umusi umwe azoza. Ubwa mbereazoza kuri wewe, ni ho rero uzocirirwa urubanza. Abo bantu, ni abowatumye bahindukirira Imana kandi wongera urabarongora. »

Niho nabaza nti : «Ugomba kuvuga ko azoncira urubanzank'umurongozi ?» Rica rimbwira riti : « Ego me. » Naravuze nti : « Uko ni ko umurongozi wese ategerezwa gucirirwa urubanza? » Ryaranyishuye riti : « Ego me. » Naravuze nti : «Kuri Paulo bimeze gute? » Riti : « Ategerezwa gucirirwa urubanza hamwe n'abiwe. »

Naravuze nti : « Rero, umugwi wiwe niwaramuka winjiye, n'uwanjeuzoca winjira, kubera yuko nigishije neza na neza iryo Jambo nyene.»Naciye nongera mvuga nti : « Yabatije mw'Izina rya Yesu na jewe nyene niko nabatije. Naravuze ubutumwa bwiza... » Kandi hari amamiliyonin'amamiliyoni basemerereye rimwe bati : « Ivyo ni vyo turuhukiyeko. »

Naribajije nti : « Oh, iyo ndabimenya ntaraza, nari kuzana abantu ngaha. Ntibashobora kwemera ko ivyo bibacika.»

Aha,ntiturya ntitunywa, ntitunaryama; twese turi umwe gusa. »

147 Rero, ntibitunganye gusa; birengeye gutungana. Si akaroruhore gusa,ariko biri hejuru y'akaroruhore. Nta zina na rimwe ririho twoshoborakwiyumvira, nta jambo na rimwe ryo mu majambo yacu twokoresha kugirango tubivuge. Muba mwashitse, nta bindi. Hanyuma naciye nibwira nti : «Rero, bizoba bitunganye, none tuzoca dukora iki?»

Rya jwi rica riravuga riti : « Hanyuma, Yesu niyaza, azogucirauruba nza kubw'ibango ry'igikorwa ryawe. Hanyuma duce tugaruka kw'isitwambare imibiri. » Yamara, sinari bwigere niyumvira kuri ivyo, ariko ni navyo Ivyanditswe bivuga. Ryaciye rimbwira riti : « Hanyuma tuzoca tugarukakw'isi maze twambare

imibiri. Hanyuma turye. Aha ntiturya canke ngoturyame, ariko hariya tuzorya. Ariko tuzogaruka kw'isi. »

148 Naribajije nti : « Oh, mbega ko bitangaje? » Oh, bene Data! Kandi jewenahora ndabitinya! Namba ari kugira dushike hariya, kubera iki twogiraubwoba bwo gupfa? Ni ugutungana kugeretse ku gutungana kugeretsekoukundi! Oh, ese ukuntu bitangaje! Murabona, twari musi y'igicaniro. Vyariivyo. Twari musi y'igicaniro, twiteze ukuza kwiwe, twiteze ko aza kuzuraabasinziriye, abo imibiri yabo yari isinziririye mw'ivu. Aho azoziraazotuzura nka kumwe kwa Yesu igihe yaca muri Paradiso maze akazamuraAburahamu, Isaka n'abandi bose, murabizi, ko bari biteze ukuzuka kwambere. Baciye binjira mu gisagara maze babonekera benshi. Birahuje neza naneza n'Ivyanditswe. Ivyo nerekeweyo, canke ico ari co cose, vyari bihujeneza na neza n'Ivyanditswe.

Naribwiye nti : « Mbega ko bitangaje? Nciyumvira ivyo, naciye numvaicabira nk'ifarasi. Naciye nitegereza : kari ka gafarasi kanje kitwa « Prince », agafarasi kanje nakunda kugenderako (narayikunda cane). Maze kabakarashitse i ruhande yanje, umutwe wako kawushize ku bitugu vyanjenk'uko kahora kabikora igihe naba ndiko ndagaha ikigugu c'isukari,murabizi. Naciye ndagahatira izosi maze ndakabwira nti : « Prince, nari nzineza ko uzoba uri aha. »

149 Naciye numva ikintu kindigata mu kiganza. Yari ya mbwa yanje yakera y'uruhigi. Igihe umushingantahe Short yayiha ishano, nari narahiyekumwica ndamuhoye ico. Ico gihe nari mfise nk'imyaka cumi n'itandatu.Yari yayihaye ishano. Data yari yamfashe natoye inkoho yanje ngo ngendekwica uwo mugabo, neza na neza mu biro vy'igipolisi. Naciye ndamubwiranti : « Ngira ndamwice. » Naciye ngenda ku mva y'imbwa yanje mazemvuga nti : « Fritz, wambereye umugendanyi mwiza. Warankingiye,waramperekeje kw'ishure; kandi nokwitayeho n'igihe wobaye ushaje; arikoubu bakwishe! Fritz, ndagusezeraniye ko urya mugabo atazobaho! Umusiumwe nzomwubira ariko aragenda mw'ibarabara maze nzocendamusimbirako. Nzobikora kubwawe. »

Ariko murazi ivyashitse? Uwo mugabo naramujanye kuri Kristo,naramubatije mw'Izina rya Yesu kandi igihe yapfa ni jewe namuhamvye. Mubisanzwe, ubwanje nahavuye nihana haciye imyaka mikeya inyuma y'ivyo;kandi kuva ico gihe ibintu nabibona ukundi. Hako nanka uwo mugabonaramukunda.

150 None raba Fritz yari ihagaze aho, impfyeta ku kiganza. Narikonditegereza. Sinari gushobora kurira. Nta muntu n'umwe yari gushoborakurira. Ibiriyo vyose ni umunezero. Ntimwari gushobora kubabara kuberayuko ibiriyo vyose ari umunezero. Ntimwari gushobora gupfa kubera yukoibiriyo vyose ari ubugingo. Ntimwari gushobora gusaza kubera yuko ibiriyovyose biri mu buto bwavyo. Vyose vyari bitunganye. Naciye nibaza nti : «Mbega ko bitangaje!» Kandi ayo mamiliyoni n'amamiliyoni... Oh, beneData! Vyukuri nari ndi muhira, murabona.

Ico gihe, naciye numva ijwi rivuga riti : « Ico wigeze gukunda COSE(Ni impera kubw'igikorwa nakoze, ariko nta mpera nkeneye), « n'abigezekugukunda bose, Imana yarabaguhaye!»

Naciye mvuga nti : «Umwami ahimbazwe!» Sintahura ukuntu narimeze. Naribajije nti : « Habaye iki? Sintahura uko merewe. » Nihonahindukira maze ndavye mbona hariya ku buriri bwanje, umubiri wanjewariko uranyiganyiga. Naciye nibwira nti : «Oh, ntibikwiye vyukuri konsubira hariya ! Ntundeke ngo nsubire hariya ! Ntundeke !» Ariko Ubutumwa bwiza bwategerezwa kuvugwa. Mu munota umwe nari nongeyekugaruka ku buriri bwanje, murabona, nk'uku.

151 Mwarashoboye gusoma inkuru z'uko kwerekwa haciye nk'amezi abirimu kinyamakuru citwa « Ijwi », ikinyamakuru c'Abikorera utwabob'Abakristo. Iyo nkuru yarazungurutse isi yose. Kandi mwene Data Norman(ndibaza ko ari hano kuri uno mugoroba) yarayanditse aca ayigira bwagatabu kakwiragiye hose. Abapasitori benshi baranyandikiye kuri ivyo ;hariho amajana n'amajana banyandikiye. Umwe muri abo bagabo yavuzeati : « Mwene Data Branham, uku kwerekwa kuvugwa mu kinyamakurucitwa Ijwi c'Abikorera utwabo b'Abakristo…» Kandi Tommy Nickel niumugabo nubaha cane. Yaranyandikiye n'aho atakiri mu bikorera utwabob'Abakristo (sinzi igituma, ariko ntakibarimwo). Ntiyatinye kwandika muriico kinyamakuru c'Abizera ubutatuati : «Mbonye ko Paulo yabatiza mw'Izina rya Yesu akongera agategekaabantu gukora nk'uko nyene, na jewe nyene nakoze uko nyene.»Yaravyanditse ata gukikiriza.

152 Naciye nibaza nti : « E, bimeze gute ? » Mu rwandiko rwiwe, uwomupasitori yavuga ati : « Mwene Data Branham, ivyo weretswe... » Ntankeka ko ivyo bishobora kuba ari ivyo neretswe. Sinkunda kuvuga cane kuvyo kujanwa. Namba nari najanywe gushika mw'Ijuru rya mbere, kandinkabona ivyo bintu vyose, none Paulo yabonye iki aduze gushika mw'Ijururya gatatu? Avuga ko bitamushobokeye no kubivuga, murabona, igiheyazamurwa akajanwa hariya hejuru. Namba narajanywe ndi muri Mpwemu,sindabizi, sinzi uko nobivuga. Sinoshobora kubibabwira.

Ariko uwo mupasitori yaciye avuga ati : «Mwene Data Branham,nabonye umengo ivyo weretswe birahuje neza na neza n'Ivyanditswe,gushika igihe uvugiye kuri ya farasi yariyo. » Yaciye avuga ati : « Ifarasimw'Ijuru? » Murabona ivyiyumviro vy'ubwenge bw'umunyedini. Yaciyeavuga ati : « Ijuru ryaremewe abantu, ntiryaremewe amafarasi.»

153 Nari nicaye hano. Billy, umuhungu wanje ari hano yari yashize urworwandiko hano nyene muri vya biro vya kera vy'ishengero, haciye ameziatatu canke ane. Naciye ndamwishura nti : « Mwene Data mukundwa,ndatangajwe n'ubwenge bwawe bo n'ukuntu uzi Ivyanditswe. Ariko sinigezemvuga ko nari nagiye mw'Ijuru. Navuze ko hari ahantu hasa nomw'iparadiso, kubera yuko Kristo yari hejuru cane yaho. Ariko hamwe ivyovyobanezera, nimusome Ivyahishuriwe Yohana 19 aho Yesuasohoka avuyemu majuru y'amajuru ariko agendera kw'ifarasi y'igitare, kandi abera bosebari kumwe na We ku mafarasi y'igitare. » Ni ivy'ukuri! Nta nkeka! Nta nkeka! Kandi hariya hejuru muri ico kibanza nyene hariho icasa n'inkukuma,ikindi na co gisa n'inyana... Oh, bene Data! None ya mafarasi yazamuye Eliya yazananye he? Nikugira gusa ndabereke ko ivyiyumviro vy'umuntu vyama birondera icobivuga ku kintu. Ni ivy'ukuri.

154 Ubu rero nimurabe uyu mwene Data mukundwa kandi yubaha Imana,Yohana (niyumviriye ko koba ari ko kanya keza ko kubivugako imbere yokurangiza). Namba Yohana yarashoboye kubona bene Se bari hariya hejuruabandi bene Se bategerezwa kubabazwa igihe gito, aho rero, jewe, UmwamiImana yaranyemereye kubona bene Data n'abera biteze Ukuza k'Umwami.

Muraja kubona ko batari bari musi y'igicaniro gitangirwako ibimazi.Abanje si ho bari bari, ariko bo ni ho bari. Murabona ko bari abishwebahorwa intahe bashinze. Abanje ntibari munsi y'igicaniro c'abishwebahorwa gushinga intahe (ubu rero nagomba ko mutega amatwi. Ndajaguhagarika kuvuga mu minota cumi, isaha zine, naho ntegerezwa guhagarikakugira ngo nze ndangize ejo). Abo Umwami yanyeretse, bari abagizeUmugeni. Umugeni ntiyari musi y'igicaniro catangiweko ikimazi c'abishwebahorwa intahe bashinze ariko We yari yahawe imvune yera ndende ; mukwemera ubuntu buharira buva mw'Ijambo Rizima. Kristo yariyabahaye imvune yera ndende.

155 Ndibaza ko mu kwugurura iki ca Gatanu kimatanije ca Gitabo, ibitwabihishuriwe. Nabikoranye umutima ukeye, maze guhabwa uguhishurirwagutomoye kuva ku Mana, ntagerageza kuvuga ivyiyumviro vyanje bwite,kubera yuko namye ntahuza n'amadini kandi sinigeze ngomba kuyabamwo ;ariko ubu nabihishuriwe.

Hari ikindi kintu niyumviriyeko : Iyugururwa rya kino Kimatanije caGitabo rihubura inyigisho nshobora kwongera kuzovugako : iyivuga ku vyougusinzira kw'ubugingo. Mpora mbona ko hariho abantu vyukuri bizeraugusinzira kw'ubugingo. Mpora mbona ko hariho abantu vyukuri bizeraugusinzira kw'ubugingo, murabona. Ariko ndibaza ko ivyo navuze bibeshuzaivyo. Ubwo bugingo ntibusinziriye ; ni buzima. Imibiri yabo irasinziriye,ariko ubugingo ntiburi mu mva. Buri imbere y'Imana, musi y'igicaniro

156 Ivyo ni vyo ntahurizako na mwene Data mukundwa umwew'Umwigisha. Kandi ndabona muri ino nzu bamwe bamwe mu biwe. Niumwigisha akomeye mu vya tewolojiya ; kandi vyukuri ni umugabo amezeneza. Ndibaza ko ubu yatuvuyemwo. Ariko yari umugabo w'intore akaba n'umwanditsi mwiza. Ni mwene Data Uriah Smith, umwanditsi w'igitabo citwa Daniyeli n'Ivyahishuwe Yohana.

157 Ubu rero nagomba kuvuga mbwira abo bose bakurikira inyigisho yiwe ;singomba kuvugana ubukazi ariko murabona, mwene Data Smith, kugira ngoashimangire iciyumviro ciwe c'ugusinzira kw'ubugingo, avuga ko atagicaniro gitangirwako ibimazi kiri mw'Ijuru, ariko ko yizera ko igicaniroconyene kivugwa mw'Ijuru ari ic'imibavu. Ariko mweho, bene Data,ndababwira ibi, atari kugira mpinyuze mwene Data uwo nizigira kotuzobonanira hariya hakurya, atari kugira mpinyuze uwo mwigisha akomeye,ariko kugira ndabereke gusa ukuntu bidahuye. Ivyo avuga bihinyuzaiyugururwa rya kino Kimatanije ca Gitabo muri kino gihe ca nyuma. IkiKimatanije ca Gitabo kirakuraho burundu iyo nyigisho y'ugusinzirakw'ubugingo. Ubwo bugingo ni buzima. Ntibwapfuye !

158 Ubu rero murabe ibi. Iyo hatari kuba hari igicaniro gitangirwakoibimazi mw'Ijuru, wa Mwagazi w'intama ari We Kimazi c'ivyaha, yarikuba yashizwe he ? Hategerezwa kuba hariho ahantu hamwe hashizwe waMwagazi w'intama wishwe uvirirana amaraso, ahantu hari Amaraso.

Kandi imibavu vyari ibintu baturira bimota neza, iyo Bibiliya ivuga koari yo masengesho y'abera. Iyo ata kimazi kiri ku gicaniro, amasengeshontashobora kwakirwa. Amasengesho ashobora kurengana agashika kuMana biciye gusa mu maraso ari ku gicaniro gitangirwa ko ibimazi.

Nta co mpfa na mwene Data Smith, ariko ari mu kinyoma. Ndizigira konabitomoye bikwiye kandi kuvuga ko ari mu kinyoma ndabivuganyeurukundo rwa bene Data n'ukwubaha mfitiye igikorwa ciwe gikomeye.

159 Ica gatanu kimatanije ca Gitabo carabishize ahabona, murabona,n'ibindi bintu vyinshi, namba mwabitahuye. Murabona, ndarindiriye ibibazovyanyu kugira ivyo ndabirabe neza. Ni uko.

None ya Sandugu yari he? Wa Mwagazi w'intama yavirirana amarasoyari yarakubiswe, yaracumiswe, yuzuye amaraso kubwo impongano, kubwoayo masengesho yamota neza, we yari he? Bibiliya ivuga ko iyi nyubakotubamwo kw'isi niyasamburwa dufise iyindi iturindiriye. Aho ni ho nabonyeabo bera, murabona?

160 Ubu rero, bashiki banje, ndabasavye ngo mumbabarire ku vyo ngiramvugire imbere y'abagore bakiri bato. Murazi, iyo umuvyeyi yasamye inda,karya gasaho k'imitsi kizinga, kizingurura kandi kakanyiganga, uba ariumubiri usanzwe, murabitahura. Kandi nk'uko uyu mubiri usanzwe uboneka... Muramaze

kwitegereza abagore banyu imbere yuko akanakavuka? Aca yiyorosha kandi agakundana bidasanzwe, kandi ivyobikabandanya gushika avyaye. Naho vyoba bitari bwigere bimushikira kuvayabaho, ico gihe bizoshoboka. Mbega muramaze kubona ukuntu aca amerank'umweranda... Rimwe na rimwe muzobona umunyavyaha atwengaumugore afise inda. Nibaza ko biteye isoni. Ni ubugingo buba burikoburinjira mw'isi. Muramaze kubona kandi mwene ubwo bugwaneza, mweneukwo kwiyorosha kuba kuri kuri uwo yimirije kuba umuvyeyi? Ni ibiki? NiUbugingo bwo mu buryo bw'impwemu burindiriye kwinjira muri ako kanaigihe kazoba kavutse. Ubwa mbere aba yarasamwe gusa; ariko iyo avutse,aba avutse. Umubiri wo mu buryo bw'impwemu uca wifatanyan'umubiri usanzwe.

161 Kandi Bibiliya yigisha ko ubu twavyawe n'Imana. Twavyawe naMpwemu Yera ari We Kristo muri twebwe umwana w'Imana aremewe muritwebwe. Maze iyo uyu mubiri wo kw'isi usambutse, umubiri wo mu buryobw'impwemu uca usohoka ukava mu nda y'isi kandi haba hariho uwundimubiri uwurindiriye ngo uwakire. Iyi nyubako ya hano kw'isi ni yahebwa,hariho uwundi mubiri wo kwakira uwo mubiri wo mu buryo bw'impwemu.Uyu mubiri upfa uca wambara ukudapfa. Ico mw'isi kikambara icomw'Ijuru. Murabitahura? Hariho umubiri usanzwe ucumura; ariko harihouwundi mubiri turiko turajamwo kandi uko ukozwe usa n'uyu twambaye.Kandi ndashimira cane Imana ko nshoboye kubabwira, jewe, umwungerewanyu na mwene So, ko nabonye abo bantu bambaye uwo mubiri kandi konababakozeko n'iminwe yanje! Ivyo ni ivy'ukuri.

162 Ubu rero mwitegereze ibi. Murabe Mose. Eliya, inyuma y'aho Moseapfiriye Eliya na we akajanwa mw'Ijuru, yahagaze ku musozi wo Guhindurirwako afise inkebuzo yiwe yo kuvuga, yo kwumva, hamwen'ugutahura kwiwe, kandi avugana na Yesu imbere y'ukubambwa. None yariafise umubiri umeze gute?

Ni murabe Samweli. Wa mupfumukazi w'i Endori yamukuye aho yariaruhukiye haciye hafi imyaka ibiri apfuye; ico gihe yaravuganye na Sauli,aramwishura kandi yari azi ibintu vyari bigiye gushika; impwemu ntiyariyarahindutse : yari akiri uwuvugishwa n'Imana.

163 Iyo impwemu ya Eliya imanukiye ku muntu, irongora uwo muntunk'uko yarongoye Eliya. Uyo muntu azoja mu bugaragwa; azokundaubugaragwa. Azokwanka abagore bigenza nabi. Ntazohuza n'amadini. Ntan'umwe azoziguriza. Ng'uko uko impwemu yiwe izoba imeze. Igihe coseyajе yakoze uko. Kuri Mose, bizomera uko nyene. Mu Vyahishuriwe Yohana 22:8, dusangayo ivyo nyene. Ubu rerokugira ngo dutorere umuti ico kibazo c'impwemu z'abishwe bari musiy'igicaniro, tugaruke ku kwugururwa kw'iki Kimatanije ca Gitabo ahodusanga musi y'igicaniro impwemu z'abishwe mu kiringo kiri hagatiy'urupfu rwa Kristo n'izamurwa ry'Ishengero (abishwe na Eichmannn'abandi bose; Abayuda bose b'ukuri abo amazina yanditse muri ca Gitabo).Niwitegereze ivyo,uzobona, mwene Data mukundwa nk'uko Ivyanditswebivuga, ko bashobora kuvuga, guhamagara, kwumva, kuganira bafiseinkebuzo z'umubiri zabo uko ari zitanu. Ntibari basinzirіriye mu mva ata cobazi. Bari maso koko, kandi barashobora kuvuga, kwumva n'ibindi. Mbega sivyo? Oh, Imana idufashe!

164 Ni munyongere iminota ibiri! Amen! Ndicujije kubona nabagumije igicec'isaha. Oya, sinategerezwa kubivuga. Ariko murabona aho ngeza gutahura,nk'uko uguhishurirwa kuvuga, uko nahawe muri kino gitondo nyenen'Umwami Yesu Kristo imbere yuko buca, ng'ico ica Gatanu kimatanijeca Gitabo cuguruwe gihuje na bimwe bine bindi. Kubwo ubuntu bwiweyakumpaye, kubwo ubuntu bwiwe kuri mwebwe no kuri jewe.Turamushimiye kubw'ivyo kandi, mfashijwe na We, mfise icipfuzo cokurushiriza uko nshoboye kuba hafi cane y'Ijambo ryiwe, nigisha abandigukora nk'uko nyene gushika kuri wa musi nzohurira na We turi kumwenamwe mu bwiza, igihe ibintu vyose bizoba birangiye. Ndamukundira ivyo,kandi nababwiye ivyo bintu aho ngeza kubimenya. Kandi ndizera vyukurin'umutima wanje ko Uguhishurirwa kw'ukuri kw'ica mbere, kw'icakabiri, kw'ica gatatu, kw'ica kane n'ica Gatanu bimatanije ca Gitabokwatanzwe, kandi ko ubu ivyo bimatanije ca Gitabo twavyugururiwe. Ndamukunda, ndamukunda Kuko ari We yabanje kunkunda, Kandi akandonkera agakiza Ku giti c'i Karuvariyo.

165 Ubu rero mu bwitonzi no kwubaha Imana, mu gihe twabonye ikikimatanije ca Gitabo cugururirwa imbere yacu, twabonye ko vyabayengombwa ko Imana ifata abana bayo bwite bakundwa, ikabahuma amasomaze ikabirukana kubera yuko ukugororoka kwayo bwite kwageze ko icahagicirirwako iteka. Nimuvyibazeko, ukugororoka kwayo n'ukwera kwayobitegeka ko urubanza rucibwa.

Itegeko ritagira igihano si itegeko. Ntishobora ubwayo guca kubirin'Ivyagezwe vyayo ngo igume ari Imana. Ni co gituma vyabayengombwa ko Imana icika umuntu. Ntiyari gushobora gutora ikiyisubirira,umwana w'umuhungu asanzwe gusa canke ikindi kintu. Yesu yabayeUmwana yongera aba Imana ari na bwo buryo bumwe bwonyene bubereye bwo kubishitsa. Vyari bikwiye ko Imana ubwayo yishirako igihano. Ntiyarikuba igororotse igishize ku wundi, ku wundi muntu. Gurtyo Yesu yari Imanayagaragaye mu mubiri, yitwa Imanweli. Kandi kugira ngo akore ivyo, kugirango atore Umugeni kandi kugira ngo akize akagwi k'abapagani bazimiye bomu banyamahanga, yategerejwe guhumisha abana bayo bwite maze hanyumaabahanire mu mubiri kubona baramushibuye. Ariko ubuntu bwayo bwaciyebuhaseruka bwongera bubaha imvune yera ndende. Ariko ubugingo...murabona ibiriko biraba? Kandi namba vyabaye ngombwa ko ikora ivyovyose kugira ngo turonke amahirwe, twoshobora gushibura gute ayomahirwe twahawe kubw'urukundo?

166 Nimba kuri uno mugoroba muri ino nzu hariho umuntu akiri mutocanke akuze uwo, gushika uyu musi agishibura aya mahirwe Imanayatangiye ikiguzi kingana gurtyo, kandi uwo muntu akaba agomba kwemeraiyo ngabire Imana imuhaye kuri uno mugoroba, aho rero, aho ngezakubimenya, ntibikenewe ko wirirwa uricwa, naho ivyo bishobora gushika,ariko hariho imvune yera ndende mwateguriwe. Kandi namba ubu Imanairiko iradodora ku rugi rw'umutima wawe, kubera iki utokwemera?

Twongere twunamike imitwe yacu. Namba hano hariho umuntu umwecanke abantu bipfuza ivyo, bipfuza kumwakira bishimikije ukwizera kwabomu Maraso yamenywe, ayo vyabaye ngombwa ko Imana isesa kubwanyu(yarababajwe birengeye ivyo uko umuntu asanzwe yari gushoborakubabazwa. Nta muntu n'umwe asanzwe yari gushobora kubabazwa nk'uko)ku buryo umubabaro wiwe bwite waciye utandukanya amazi n'amaraso mumitsi yiwe. Umubabaro wiwe wari mwinshi n'umutima wiwe wajanjaguritsecane kubwo ivyo yategerezwa gukora ku buryo imbere yo kuduga iKaruvariyo ibitonyanga vy'amaraso vyasohoka biva mu mubiri wiwe. Yarino gushobora kuvyanka, ariko yabikoze abikunze kubwanyu na jewe.

167 Murashobora gushibura urukundo nk'urwo ata co rwogereranywa?Kandi ubu turabiye mw'iyugururwa ry'ibi bimatanije ca Gitabo, murabonako ari vyo mwakoze. Muravye ivyo Imana yabakoreye, muriteguriye kuyihaubugingo bwanyu kandi hamwe yobakura mu biganza vya antikristo, ivyomurimwo ubu, mwokwemera ingabire yayo mu kuduza ikiganzamukakirabisha kuri Yo, muvuga muti : « O Mana ibi ndabikoze kugiranerekane ko nakiriye iyo ngabire y'ubuntu? Kandi, mwene Data Branham,nifuza ko mwonsengera kugira ngo name ndi umwizigirwa. »

Nimuduze ikiganza maze ndaca nsenga. Imana ibahezagire. Imanaibahezagire. Nimugire ukwo kugomba. Mubikore ari uko mubigombavyukuri. Kandi muvyemerere aho mwicaye. Kubera yuko mwibuke ko mutari kuba mwashoboye kuduza ikiganza iyo hatari kuba icababwiyekubikora, nta kindi na kimwe cari gushobora kubikora atari Imana.

168 Ubu rero ko mwabonye Ivyanditswe bigaranzurwa imbere yanyu muburyo butomoye cane, murabona ivyabaye uko ibihe vyagiye bikurikirana,kandi mukabibona vyemezwa vyukuri muri iyi myaka mirongo ibiri cankemirongo itatu ishize. Murabona Ivyanditswe bivuga neza na neza ivyabayen'ibigiye kuba. Rero, mufatiye ku kwizera mufise, mu gikorwa ca Kristo icomuhagazemwo ubu nyene, mwadugije ibiganza kandi muravuga muti :«Kuva kuri uno munota, birarangiye. Ubu rero mpisemwo Kristo ngo abeUmukiza wanje, kandi ubuzima bwanje busigaye nzobeho kubwiwe, kandindifuza ko Imana inyuzuza Mpwemu Yera.»

Ni mwaba mutarabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo, aho kubatirizaharateguwe. Dusenge.

169 Mwami Mana, ibiganza vyinshi vyadugijwe muri rino koraniro. Ndazintakekeranya ko uri uwo Mwami Yesu nyene haciye imyaka myinshiadutangiye impongano. Iyo mbonye uguhishurwa kw'ivyo bimatanije caGitabo n'ivyo bintu vyose vyiza cane vyabereye hano muri iyi myaka ishize,ndizera n'umutima wanje wose ko umuryango w'ubuntu watanguyekwugarwa kandi ko ubu witeguye gutangura urugendo ngo ucungure abantubawe.

Mu gihe hakiriho ibibanza kandi urugi rukaba rwuguruye (nk'uko vyaribiri mu misi ya Nowa), ubwo bugingo bw'igiciro buba muri iyi mibiri ari ryohema ruzosamburwa umusi umwe, badugije ibi biganza bipfa bemejwebivuye ku mitima, bamenyesha ko bizeye kandi bifuza kwemera agakizaugomba kubaha bafatiye kuri iki Gitabo kimatanishijwe udushashara ndwiyatwugururiye. Mwami, kuri uno mugoroba, ese wobaha ya mvune ndendeyera y'ukugororoka kwa Yesu Kristo maze uyambike ubugingo bwabokugira ngo bashobore guhagarara imbere yawe kuri wa musi wegereje cane,batunganijwe n'Amaraso ya Kristo.

170 Mwami Mana, namba batarabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo nk'ukouguhishurirwa wampaye kuri ico kintu kuvuga, kandi mu gihe tubona koPaulo yategetse abari barabatijwe na Yohana Umubatizi ubwiwe kwongerakubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo kugira ngo bahabwe Mpwemu Yera(Ivyakozwe n'Intumwa 19), Mwami, ndagusavye ngo ubemeze ko ari ukurikandi bashobore kukwumvira.

Kandi bamaze kwemera kwumvira ivyo batuye kandi bamaze guca mumazi, ese na we wobuzuza Mpwemu Yera kugira ngo bagire ububasha bwo kugukorera igihe basigaje kubaho. Ubu rero ndabakuragije mw'Izina rya waMwagazi w'Intama yatanzweko ikimazi ari we Yesu Kristo. Amen.

Ndamukunda, ndamukunda Kuko ari We yabanje kunkunda Akandonkera agakiza Ku giti c'i Karuvariyo.

171 Ubu rero, mwebwe mwadugije ibiganza, mwumvire icagezwe caMpwemu agomba ko mukurikira inzira y'Ijambo ngo rikomeze abanyavyahabihanye. Muyikurikire mu vyo akora vyose. Kandi Imana yo mw'Ijuruibahembe, mwebwe mugiye ku ruhande rwiwe. Umwami abahezagire.

Ejo ku mugoroba muzozane impapuro zanyu n'amakaramu yanyuy'ibiti nk'uko musanzwe mubikora. Turiyumvira ko tuzoba turi hano ya sahanyene, isaha imwe n'igice (7 : 30h) Umwami niyabigomba. Kandimunsengere kugira ngo nshobore kubibazanira nk'uko ibimpaye. Kugezaubu, turacaririmba, atari Yo gusa taririmbira, ariko dushimira uwapfuye mukibanza cacu kandi akaducungura.

Ndamukunda :Ubu rero, Pasitori wanyu Ndamukunda, ndamukunda Kuko ari We yabanje kunkunda

Akandonkera agakiza Ku giti c'i Karuvariyo.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7